# Ivyo Gaburiyeli Yaje Kubarira Daniyeli
Jeffersonville, Indiana, USA
30 Mukakaro 1961 Mu Gatondo

1 Umwami aguhezagire, mwene Data. Mwaramutse, ga bagenzi! Harashushecane ku buryo bitoroshe kuba turi muri iri hema muri iki gitondo, arikobirahimbaye kuba ngaha. Turanezerewe cane n'uko twashoboye - twashoboyekuza uyu musi muri rino koraniro. Nari namenyesheje ko nzokwiga kuri yamayinga mirongo irindwi ya Daniyeli. Ni ukugira nerekane isano bifitaniye n'ibindi biri mu Butumwa, kugira ngo hanyuma nshobore kwigisha bimwe ndwibimatanije ca Gitabo. Hariho ibimatanije Igitabo indwi, Ivyago ndwi, Inzambandwi, Ibara ibihetangabo gatatu, Umugore yambaye izuba, igisato gisa n'ikibengebenge cakororewe kw'isi, bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine nabine badomweko ikimenyetso; ivyo vyose biba muri ico gihe nyene. Nibajijerero ko ibi ari vyo nobanza kubashikiriza.

2 Ubu, harashushe. Ntitugomba guteba cane, turakora uko dushoboye. Kandiiki gihe c'umwaka, mu bisanzwe, n'igihe kitarimwo ibikorwa vyinshi, ntabikorane vyinshi biriho mu mashengero. Kandi cane cane bo bafise ivyumbabirimwo akayaga n'ibindi, hoho bimeze neza. Twoshimye kuronka nk'ivyongaha, ariko muri uyu mwanya nta vyo dufise. Benshi muri ba Sogokuruza baguma hanze, ku zuba riturira. Iyo niyumviriyeko ntegerezwa gusaba imbabazi abantu kuko tudafise inzu irimwo akayaga,imisi yose nca niyumvira muri Afrika, aho baguma ngaho mu mituragaro,n'abagore bafise imishatsi ibagwa mu maso, bakaguma ngaho ijoro n'umurango,ntibigere bava ahantu bari bari; batariye, ata co banyoye, ata na kimwe,bakaguma aho, ata kindi atari ukumva Ijambo rimwe canke abiri y'Umwami rimwe na rimwe.

3 Nibutse muri Mexique, ahari hashushe cane ku buryo, ntashikuje, nari mucumba kirimwo ivyuma bitanga akayaga, ariko nkarondera kwiha akayaga, harihashushe cane. Kandi kubona abantu baja muri kirya kibuga kinini isaha zitatuzo mu gitondo, kandi ata ntebe zo kwicarako. Abantu barwaye, vyukuribarwaye, abarwaye bari ku mpfiro; barwaye za kanseri, ibivyimba; n'abavyeyibarwaye, utuyoya turi ku mpfiro, n'abandi, baguma ngaho, ku zuba rikaze, ata3na kimwe kibaha igitutu, kandi baregamirana, kuva isaha zitatu zo mu gatondogushika isaha zitatu z'ijoro, ata kindi uretse ukwumviriza ubutumwa bwizan'iminota mirongo itatu biciye ku wusobanura, no kugira ngo babone ibikorwavy'Umwami. Baguma aho bumviriza, impuzu zabashuhiyeko ku mugongo,bambara haba mu gihe gikanye canke mu gihe c'izuba, ni zo zonyene bafise.

4 Nibutse kandi abari hariya mw'ishamba, n'abarwaye bazana batashobora nokwinyiganza. No mu Buhindi, babegeraniriza hamwe, bakagerekerana umwehejuru y'uwundi nk'uku, bari barwaye imibembe, indwara zitandukanye;barabandaza mw'ibarabara kugira ngo baze babanikire ku zuba rikaze ryo mubihugu bishushe. Mu mituragaro n'imiravyo n'ibindi bintu nk'ivyo, bagumabarambaraye aho ku zuba, mu mituragaro, n'ibindi, badakoma na gato cankengo bidoge. Atari uku…kugira ngo bagerageze kwumva Ijambo ry'Imana rimwena rimwe, ikintu co gufasha ubugingo bwabo. None ni kubera iki twategerezwagusaba imbabazi muri aka gatondo, igihe dufise ahantu hasakaye, n'ivyumabitanga akayaga biriko birakora? Vyoba biteye isoni twidoze.

5 Kandi ndibuka, nta gihe gishize, mw'izinga rimwe mu mazinga yo mu biyagavyo mu bumanuko, nategerezwa kugirisha igikorane aho hantu ku mugoroba.Kandi, oh, igihuhusi cari cateye! Oh, sinari bwigere mbona igihuhusi nk'ico,imiravyo yarabagiza urutavanako, habona nko ku murango. Kandi umuyagawarahuhuta bikomeye cane ku buryo wahenurira ibiti hasi. Naribwiye nti :"Erega ba… nopfuma nkura ikoti ryanje kuko ata muntu azoba ahari."7. Mu kanya kakurikiye hariho akamodoka gatoyi kaciye gasubira inyumagushika ku muryango i wanje, hanyuma umuntu umwe aradodora ku muryango- yihutira kugenda. Hanyuma nca mbwira uwo muhungu, yari azi kuvugaicongereza, ndavuga nti : " Mbega hariho abantu benshi hariya?" Aravuga ati : "Ntushobora mbere no kuronka aho ica ku mpande zose zihakikuje!", hari mukibuga kinini c'umukino wa base-ball. Maze ndavuga nti : "Mushaka kuvugakw'abantu bari - bari harya, hameze nk'uku," Naravuze nti : "Mu gihuhusink'iki?" Bavuze bati : " Bashaka kwumva ivy'Imana!"

6 Naciye rero njayo. Hariho abagore, inkumi, imiyabaga, ntibarikobarashinyiriza, batwenga, baturitsa za jojo canke ngo bavugane ivya bagenzibabo. Baguma kw'ijambo ryose, ntibanyiganyiga, baguma hamwe, bumviriza.Narahamagara abaza ku gicaniro, narahamagara gusa abaza ku gicaniro, mazeabantu ibihumbi bagahaguruka, amaso yuzuye amosozi, nk'uku, i biganzabidugije bavyerekeje ku Mana, kugira ngo basabe imbabazi kubw'ubugingobwabo, inkumi n'imisore b'imyaka cumi n'indwi, cumi n'umunani. Ubu,n'abantu bakuze cane, tugira ingorane zo kubumvisha, murabona. Ivyo - ivyovyerekana ko, tudafise vy'ukuri ico twokwidoga. Imana ishimwe! Egomushingantahe. Twoshimye kugira ibimeze neza bigezweho nk'abandi bo muri Amerika,ariko ntidufise ivyo vyose; gurtyo, tuzogerageza gukoresha ivyo dufise.

7 Ubu, nasanze hariho akantu gato mfise ku mutima ko gusubiramwo ngahamw'ihema. Ni bangahe bafise Bibiliya zabo? Nimushire ukuboko hejuru. Nivyiza. Dusome Zaburi ya 99 imbere yo gusenga. Ni ikintu twari dusanzwedukora. Mwene Data Neville, haraciye imyaka myinshi sinzi yuko…Mbega hariZaburi mwasomye muri iki gitondo? [Mwene Data Neville avuze ati : "Oya" -Umw] Oya. Nipfuza gusoma, ikoraniro nirisome gato iyo Zaburi.11. Muri kino gitondo ncicaye mu biro, ndiko ndarimbura kuri ubu Butumwan'iri Jambo, nibwiye nti : "Umengo vyoba vyiza ndabasomesheje Zaburi bosehamwe, nka kera. Ivyo ndabikunda cane." Nashitse ntevye gato, nukonahamagawe kuri telefone n'uwuri mu kindi gisagara i

Cheyenne, ni co rerocabitumye.12. Ubu rero tukirondera iyo Zaburi ndafise ivyo ngomba kumenyesha bahejejekumpa mu kanya. Ni Zaburi ya 99.

8 “Kuva ubu, amatangazo yose y'ibikorane, bibera aha mw'ihema n'ibiberahirya no hino, azomenyeshwa n'ibiro vy'i Jeffersoniville. Umuntu wese yipfuzakumenya uko ibikorane bizogenda ategerezwa kwiyandikisha, agatanga izinaryiwe n'aho aba, agaca abishira aha havugirwa ubutumwa ku mugorobaigikorane giheze. Bazobibamenyesha hakiri kare, kugira ngo mubashe kwitegurango mushobore kuja mu bikorane.” Ni ukuvuga ko mu misi iri imbere, umuntuniyagomba kumenya aho tuzogirira ibikorane, ubu twashinze uko ibintubizogenda hariya mu biro : Muzosiga ngaha izina ryanyu gusa n'aho muba.Tuzoca tubarungikira ikarata kugira ngo mumenye hakiri kare aho ibikoranebizobera, kandi bishobotse tuzobabwira n'ubutumwa buzovugwa ubwo ari bwo,n'ibindi bikenewe vyose vyo kumenya, mu gihe mwoshobora kujayo.Murabona, iyo bitamenyeshejwe n'ababijejwe, umwe avuga ibi uwundi naweakavuga ibi, mwebwe ntimumenya ivyo ari vyo, murabona. Rero, ni ukugiragusa…Mwandike izina ryanyu n'aho muba muce mubizana ngaha Billy Paulazoca abitora hanyuma azobarungikira uko biteguye.

9 Ni uko, barambajije kandi yuko hazongera kandi ibi…“Mwene DataBranham, muzosubira kugira ibikorwa vy'ugusengera abarwaye harimwon'ugusuzuma ibiri mu mitima y'abantu aha mw'ihema ? Oya. Oya. Ugusuzumaibiri mu mitima y'abantu bizogirwa na - n'uwundi mugwi dusanganywe. Ubuturafise ngaha Mwene Data Neville afise impano kuvugishwa, avugishwa kubarwaye akongera akabamenyesha ivyo bakwiye kumenya. Kandi turafisemwene Data umwe yitwa Higg…Higginbotham, umwe muri ba… umubitsi5w'imitungo y'ishengero kuva kera, yabaye umwizigirwa mu nama y'abajejweumutungo. Sindamubona muri kino gitondo, ariko mu bisanzwe, afise impanoyo kuvuga mu ndimi. Hariho kandi umupfasoni akiri muto, yitwa Arganbright,mushiki wacu w'akaranga afise impano yo gusobanura indimi.

10 Kandi turafise icemezo y'uko ubwo butumwa buva ku Mana, kuko butazabunyuranye na gato n'uko ibintu bitegerezwa kumera, buri neza na neza mukibanza cabwo. Kandi vuba, mu gihe izo mpano zizotangura kugwira,tuzogerageza ku - gukora ngo - kubikora ku buryo bihura neza n'uko ishengeroritunganijwe. Kandi, ntegerezwa kubisuzuma vuba, gurtyo rero, kugira ngo ibi -ibikorane bikorwe neza nk'uko Umwami yabishinze, kandi bigende neza ukobishoboka.16. Ariko bariya Bantu bakundwa, ufatiye ku vyo umubanyi wanje avuga,Umupfasoni Woods, yishiriye mikoro ahavugirwa Ubutumwa. … n'igifataamajwi hariya inyuma, kugira ngo ubutumwa bufatwe, ata kindi atari kugiraUbutumwa buje kw'ikaseti hanyuma bwimurwe, kugira basuzume yuko ariubw'ukuri canke ko atari ubw'ukuri. Murabibona? Uko ni ko abusuzuma. Ndaziko Umupfasoni Woods ari umugore w'umwizigirwa. Kandi ahora ambwira kohariho ibintu bitari bike vyavuzwe bigenda bishika.

11 Ni uko, turashima kubw'ivyo. Ni ukuri ivyo biramfasha cane, iyo ndi ngahaiyo ngarutse ngaha, na hariya. - Ugusuzuma impwemu biranduhisha rwose,hanyuma, Imana yarandungikiye imfashanyo, biciye mu bavugishwa, mukuvuga mu ndimi no mu kuzisobanura, ivyo na vyo bikaba ari ubuvugishwa.Ukuvuga mu ndimi, ni ubuvugishwa; baba ari abantu babiri bavugishwa. Umweavuga, uwundi atahura ivyo uwa mbere avuga mu ndimi zitumvikana, neza naneza ubwo buba ari ubuvugishwa.

12 Hanyuma rero, tuzo…tubikora gurtyo imisiyose, igihe cose dukoraniye ngaha, mu gihe mu gikorane tugize ya mirongoyacu yo gusengera abarwaye.18. Ubu, umuntu yoshobora kumbaza, muti mbega…ku vyerekeye impano.Ego, ndacayifise. Ariko uburyo bwonyene ndayikoresha, ni iyo mba ndikondabonana n'abantu mu mwiherero, kandi ndayifise. Nimwaba mushakakuwuronka, - ndibaza ko vyanditse hariya inyuma ku kibaho, - utegerezwakuvyemererwa hanyuma mukumvikana isango na Billy Paul, umuhungu wanje,ni mwaba mugomba ko tubonanira ngaha canke mu gihe c'ibikoranebizokurikira. Mbaye nagiye kuvugira ubutumwa ahandi; ahariho hose,mutegerezwa kwibangikanya agakarata Billy Paul azoba yabahaye. Ni habahariho ikintu mu buzima bwawe kiguteye amadidane, kandi utabona ingenewokivamwo, hanyuma ukaba urondera ugutahura kuva ku Mwami, aho rero…Egera Billy Paul, umuhungu wanje, ari we munyamabanga, azoca aguhaagakarata yongere aguhe n'isango ry'igihe kanaka. Maze igihe tuzogiriranira iyo6mibonano, ni ho tuzokwiherera turi babiri gusa. Ni baba ari abagore, tuzoganiraturi kumwe n'umufasha wanje. Hanyuma rero mu…Tuzoronka, tuzorondera munyonga z'Umwami maze tumubaze ico ukwiye gukora.

13 Ku bisigaye na vyo, ibikorwa bisanzwe, n'ivyo bindi vyose,bizomenyeshwa mwene Data Neville, mwene Data Higginbotham, mushikiwacu Arganbright n'abandi bavuga mu ndimi bakongera bakazisobanura, ahamw'ishengero. Gurtyo rero, turakora nko mu gihe co Kuvayo. Nibaza ko yari Yetiro, umusiumwe, yabwiye Mose, murabona : “ Toranya abakuru b'imiryango” kandiMpwemu w'Imana yaciye yigabanganya ku bakuru mirongo irindwi akuwe kuriMose, baca bavugishwa n'Imana. Gurtyo rero, yaca yitwararika ubwiweibikorwa bikomeye kandi bigoye“. Ni vyo ko tutari Mose, kandi nabo nyene siba bakuru na gato, ariko turacakorera Imana Yehova, turi kumwe na ya Nkinginyene y'Umuriro iturongora itujana mu Gihugu c'Isezerano. Hanyuma, ego me,hazoboneka abandi, hazoba ibikorane kandi habe n'ugusobanu… Ukumenyaibiri mu mitima kuzoba kuriko kurakora. Gurtyo, ivyo bizotuma ngiraamasengesho nongere nige, kandi imisi nzoba nzi ko mfise imibonano, nzobenavyiteguriye. Gurtyo, nimwibuke Billy Paul Branham, umunyamabanga wacu ajejweivy'ingendo ara…Ni ku…Abajejwe ivy'inyubako bamanitse itangazo hariyainyuma, ku kibaho. Kandi ndafise agapapuro ngaha, kambwira ivy'iryo tangazono kumenyesha

abantu kugira ngo baze gushobora gusoma ivyo ku kibahokimanikwa kw'amatangazo, mu gusohoka.

14 Ni vyiza, ubu rero, muri iki gitondo turafise icigwa gihambaye, kandi kuriuno mugoroba turaja kugerageza kukibandanya. Kandi Umwami abikunze,tuzongera tukibandanye ku w'iyinga. Sinari nzi ko ari ivy'ubwina cane imberey'uko ntangura kuvyiga. Kandi biracari ibanga kuri jewe, gurtyo niragije gusamu Mwami.

15 Ubu rero, mwebwe mufise Bibiliya zanyu, dufate Zaburi 99, 99. Ndajagusoma umurongo wa mbere, ikoraniro riraja gusoma umurongo wa kabiri,maze turaja gusomera hamwe umurongo wa nyuma. Uko ni ko tujagukurakuranwa : jewe uwa mbere, ikoraniro uwa kabiri, jewe uwa gatatu,ikoraniro uwa kane, gushika ku murongo wa nyuma tuja gusomera hamwetwese. Duhaguruke kugira ngo dusome Ijambo ry'Imana. [Mwene DataBranham n'ikoraniro bariko barasoma Zaburi 99 : 1 - 9, nk'uko mwene DataBranham yabivuze - Umw].7Uhoraho arahangamye; amahanga yose ahinze agashitsi! Avyagiye kuBakerubi; isi iranyiganyiga! Uhoraho arahambaye muri Siyoni, Kand'arihejuru kure y'amahanga yose.Nibatazire izina ryiwe rihambaye riteye ubwoba : Ni we Yera.Inkomezi z'Umwami n'ugukunda imanza zibereye;Ni wewe ushinga ibiroranye.Imanza zibereye n'izigororotse ni wewe ubikorera mu ba Yakobo.Ni mushire hejuru Uhoraho Imana yacu,Mwuname mur'imbere y'indava yo musi y'ibirenge vyiwe : Ni We Yera.Mose na Aroni bo mu baherezi biwe, na Samweli wo mu bambaza Izinaryiwe, barambaza Uhoraho, akabishura.Yababaririra mu Nkingi y'Igicu, bakitondera ivyo yashingiye intahe,n'ibwirizwa yabahaye. Uhoraho, Mana yacu, wahora ubishura,war'Imana ibaharira, naho wabahora ivyo bakora. Nimushire hejuruUhoraho, Imana yacu, musengere ku murwa wiwe wera : Kuk'Uhoraho,Imana yacu ar'Uwera.

16 Twunamike imitwe. Nta nkeka, Mwami, aya majambo yanditswe kandiyararirimbwe n'umushumba wawe Dawidi, mu - buryo bwa Zaburikubw'icubahiro cawe. Ukikijwe n'abakerubi. Uri Uwera, n'umusozi waweurera. Twegere, imitima icucagiwe Amaraso y'Umwami Yesu, n'umutima ataco utwagiriza kandi hamwe n'ukwizera, n'ubushizi bw'amanga ko twinjiye muNyonga z'Imana yacu. Ikoraniro ryose ritekereze muri iki gitondo. Ugururaamatwi y'ukwumva kwacu. Vugira muri twebwe, biciye mu bwenge bwawe,kugira ngo tumenye ukuntu twokwigenza muri iyi misi no mu nyonga zawe.

17 Turagusavye, ewe Mana yacu, ngo uduhishurire ivyo bintu vy'amabangavyanyegejwe muri iyo myaka yose, mu gihe dutanguye kimwe mu bicebikomeye cane bigaragara cane vyo mw'Ijambo ryawe. Warabivuzeko igihewari ngaha kw'isi, kandi wavuze uti : “Usoma atahure.” Gurtyo rero, tuje ahouri dufise intumbero nziza, Mwami, kugira ngo turondere Ubwenge bwawe,kuko tutazi neza na neza ivyo dukwiye kuvuga. Twateguye ibice bitari bike vyomu Vyanditswe, ngaha kandi uko turi kwose, twishize mu biganza vyawe kumugaragaro kugira ngo ubidusobanurire. Intumbero yacu yonyene, ni ukumenyaigihe tugezemwo, kugira ngo dushobore kwitegurira ibintu bidasanzwe biriimbere. Biduhe, Mwami. Mw'Izina ry'Uwatwigishije twese ko dutegerezwagusenga nk'uku : [Mwene Data Branham n'ikoraniro bariko basengera hamwe,nk'uko bivugwa muri Matayo 6 : 9 - 13. - Umw.]Nuko musenge murtya, muti Data wa twese wo mw'ijuru, Izina ryaweryubahwe, Ubwami bwawe buze, ivyo ugomba bibe mw'isi nk'uko biba8mw'ijuru. Uduhe ivyo kurya dukwiranye uyu musi, uduhebere imyendayacu, nk'uko natwe twahebeye abari mu myenda yacu;Kandi ntutujane mu bitwosha nabi, arik'udukize wa Mubi. [Kuk'ubwami n'ubushobozi n'icubahiro ari ivyawe ibihe bidashira. Amen.]26. Murashobora kwicara.

18 Ni vyiza, namba hariho abantu bashaka gukuraamakoti yabo, nimwidegemvye. Kandi abahagaze ku mpome, nimwatangurakugwa ibinyanya, rero, mwidegemvye, nimwumva mugomba guhinduraikibanza.27. Kandi ubu rero, sinzi ko abana bashaka kuja mu masomero yabo… canke,boba bamaze gusohoka? [Mwene Data Neville avuze ati: “Oya, ntibashobora.Ntidushobora kuyaronka muri iki gitondo, hariho abantu benshi.” - Umw.] Pasitoriavuze ko, kubera yuko hari abantu benshi, twujuje amasomero, bitumatudashobora kwigisha abana icigwa co ku w'iyinga. Kandi burya twonezerwa,hamwe mwebwe abana bato, mwokwerekana ugushaka, kuko muri iki gitondodufise, dutanguye Ubutumwa vy'ukuri bukomeye na bwo nkaba ntakekeranya,ko ari ngirakamaro cane kuri ba So na ba nyoko no ku bakunzi banyu baringaha, no kuri mwebwe nyene, abana. Gurtyo, tugitanguranye ukwubaha kwinshi.

19 Umwami abikunze, muri iki gitondo, turaja gutandukira icigwa c'amayingamirongo irindwi ya Daniyeli. Kandi muri iki gitondo, turaja kuvuga kuriDaniyeli ari inyagano, Gabuliyeli na we agurutse agiye kuri we kugira ngoamutahuze ku bigira bishike muri kazoza. Mu gihe Daniyeli yariko arasenga, Gabuliyeli, Umumarayika, yaraje kumutahuza. Kuri uno mugoroba, nashakakuvuga ku bintu bitandatu vyari bimuzanye, ibintu bitandatu bitandukanye, njakuvugako kuri uno mugoroba, ari vyo vyatumye haba urugendo rwa Gaburiyeli. Ku w'iyinga uza, Umwami abikunze, nashaka kwerekana ibihe ndwivy'ishengero n'icatumye, n'ikibanza cavyo mu rukurikirane rw'ibihe, n'ahotugeze uyu musi. Ivyo, bizoba ku w'iyinga uza mu gatondo, Umwami abikunze.

20 Ubu rero, icabitumye. Nazanye utwo nimuye dukeya two mu Butumwa bwanyuma nyuma nigishije. Kandi, muri iki gitondo, nashaka kubuhuza n'ivyotwabonye, kuko buzofatwa amajwi ku makaseti, buzoja mw'isi yose, mumahanga menshi. Kandi igituma nama nsubira gatoya inyuma, ni kubera ntakozeuko, vyoshika ko abatari bwumve amakaseti yaje bohava badashobora gutahuraico ngomba kuvuga, iyo mvuze ikintu cigeze kuvugwa. Raba ubu rero haheze amezi twiga ku gitabo c'Ivyahishuriwe

Yohana,Uguhishurwa kwa Yesu Kristo. Twarabonye ibihe vy'ishengero. Hanyuma mugice ca 4 n'ica 5, Yohana yarajanywe yerekwa ibintu vyategerezwa gushika9hanyuma y'ivyo. Hanyuma mu gice ca 6, aca agaruka kw'isi kugira ngo abonehashika ibintu, bizoshika mu gice ca 6, umurongo wa 1, kugeza mu gice ca 19,umurongo wa 21. Ni ho hari bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, vya vyago,ibara, inzige, wa mugore yambaye izuba, na ca gisato gisa n'ikibengebengegikororwa, bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine badomwakoikimenyetso, n'ibindi nk'ivyo.

21 Muri ino ndwi, narize rwose. Ejo, nsa n'uwutigeze asohoka ibiro vyanjeumusi wose, nashaka kwiga. N'ikintu, ubushize, - bamwe bama batangaza kuvakera, - mu nyigisho zanje napfa kuvuga gusa nti: "Harya, hariho ya mayingamirongo irindwi ya Daniyeli," ariko sinubahuka kuyinjiramwo, kuyasigura.Ariko ubu rero, kubw'ubuntu bw'Imana, numvise nkwiriye kugerageza gusabaImana ngo ingirire ubuntu kugira ngo nshobore kubishikiriza abantu. Kandindabona ko harimwo ibintu ata na kimwe ndabizi ko na gatoya.

22 Kandi gurtyo, na - narasomye igitabo c'Umwigisha Larkins, ca gitaboc'Umwigisha Smith, ivyanditswe n'umwigisha Scofield, ivyo abantu bo mumihingo itandukanye babivuzeko, kandi n'aho mfata ivyo vyose, sinshoborakubihuriza ku kintu kimwe. Murabibona? Gurtyo muri iyi ndwi, nshaka ku,naragiye i Kentucky mu bubiko bw'ibitabo, kugira ngo ntohoze ibijanyen'ubushakashatsi bwa kera ku vy'ibinyenyeri, ibirangamisi n'uko ibintu vyagiyebikurikirana muri kahise, kandi naregeranije ibitabo vya kera vyinshi bishobokanashoboye kuronka, mu bubiko bw'ibitabo n'ahandi, kandi nkora igikorwa canjemu buryo buciye bugufi, nizigiye rwose ko Yesu Kristo abimpishurira. Kukabankako, namba nshaka kumenya ivyo bintu, si ukugira ngo mvuge nti: " Jewendazi ibi, kandi jewe, ndazi na biriya." Arazi umutima wanje. Ariko aranyumvamuri aka kanya. Ariko, namba nshaka kumenya ni ukugira ngo murikire abantubiwe; ni co gituma nizera ko aja kumpa kubimenya. Sindabimenya, ariko ni Wempanze amaso, ku bwo uw'iyinga uza, kuko ari co kizoba ari igice nyamukuru,uw'iyinga uza : kumenya ayo mayinga mirongo irindwi no kuyashira mukibanza cayo. Arafise yose ikibanza cayo. Kandi iyo umuntu ayakurikiranije, akoze uko,nta kintu kigororotse kivamwo, aca atora ibitari vyo. Nta kundi vyogenda.Kumbure rero ko jewe, ntashobora kuyakurikuranya neza, ariko kubw'ivyonzoshira ivyizigiro vyanje mu Mwami.

23 Kandi ndibuka ko Salomo umusi umwe yasenze, kandi ko yasavyeUmwami Imana ngo imuhe ubwenge, atari kubwiwe, - atari ukugira ngo imisiyiwe yongerekane, atari ukugira ngo arambe cane, atari ukugira ngo aronkeitunga, ariko kugira ngo aronke ubwenge ngo amenye - amenye gucira imanzaubwoko bw'Imana. Kandi Imana yarahaye ubwo bwenge Salomo, kuko harikubw'ihanga ryayo. Kandi ni kubw'ivyo nsaba Imana ngo imenyeshe ivyo ayo10mayinga mirongo irindwi asigura, ni kuko nzi ko ari ikirangamisi gihuye nezanana neza n'igihe turimwo. Kubw'ivyo rero, ngomba kumenya ivyo ari vyo; atarikubwanje. Ndi… Atari kubwanje. Koko, ngomba kumenya. Si muri ubwo buryomvuga nti: "Si kubwanje,". Ngomba kubimenya, kuko ngomba kumenya ahotugeze n'igihe tugezemwo. Kandi, ndazi ko ari ibintu vyatanzwe.

24 Benshi barakoze ibiharuro vyabo bwite, kandi ivyo babashikije imberey'igihe, muri kahise. Namye nsoma ko umuntu umwe yari yaravuze ko ivyovyose vyari vyarangiye mu mwaka w'1919, ayo mayinga mirongo irindwi.Ariko ntivyari ivy'ukuri. Nuko rero, nyuma y'amayinga mirongo irindwi, vyose biba birangiye.Gurtyo du - ntidu…Dushaka kumenya ukuri, kandi nsaba Imana ngo impe ukuri.

25 Ubu rero, kugira ngo mfate nk'icishimikizo, kugira ngo mvuge muncamake, nagomba gusubiramwo gatoya ivyo twabonye. Gurtyo, narimuye reroivyiyumviro bimwe bimwe twabonye ku gice ca 5, ku gice ca 4 n'ica 5, kugirango abantu batahure. Ubwa mbere, imbere yo gukora ivyo, nagombakubifatanya kugira ngo mutahure uhereye ku gice ca 4… Ni vyiza, mwibuke, igice ca 3, cari igihe c'ishengero rya Lawodikiya,kandi Ishengero ryarazamuwe ku mpera ya Lawodikiya.

26 Nariko ndagerageza rero gusigurira ikintu kimwe umugore wanje kuri ivyo.Nari kumwe na Becky, umukobwa wanje, afise za kazinduzi zose n'ivyo twaritwashoboye kuronka. Ntibitanga inyishu. Nararavye kazinduzi ya Bibiliya.Nararavye kazinduzi y'ikigiriki ca kera. Na - Nararavye - kazinduzi yitwaWebster, n'izindi nyinshi, za kazinduzi za none. Nta n'imwe muri zo yashoboyekumpa i…kumpa amajambo canke ikindi ico ari co cose nk'inyishu. Umugore wanje yavuze ati: "Mbega ushaka ute kw'abantu b'iwacu, abantubakenye, kandi benshi bo muri bo bameze nkatwe, ntibize, ugomba gute kobatahura ibintu nk'ivyo?" Naciye mvuga nti: "Imana izotanga inyishu."40. Naho vyoba bisobanganye gute, Imana irashobora kubisobanura mazeikabigira ivyoroshe. Kuko turi aba… bamwe muri abo bantu barushe kandibasenga kugira ng'uwo musi n'iyo saha bize. Amaso yacu ahanze Ijuru, kanditurindiriye Ukuza kwiwe. Kandi ndazi neza ntakekeranya ko azobitwereka.Ariko ntibizotumenyesha umusi canke isaha, kuko ivyo, nta muntu n'umweazobimenya, ariko bizotubwira ata nkeka umusi wo mw'iyinga turimwo uwo ariwo, hamwe gusa twoshobora kubitegera.

27 Ubu rero, ku gice ca 4, Yohana yaciye ajanwa ubwo nyene ishengerorikimara kujanwa. Yohana, igihe yaduzwa, yabonye Igihe c'Ishengero cose uko11kingana. Nagomba guteba ngaha akanya gato kugira ngo mvuge ibi: "abantubarindiriye ikintu vy'Ukuri c'igitangaza, gikomeye, mu gihe c'abanyamahanganta nkeka barihenda. Igihe c'ishengero n'ibizoba vyose mu gihec'abanyamahanga, biri mu Vyahishuwe 1 gushika ku mpera y'igice ca gatatu.Hanyuma y'ivyo Ishengero ryaciye riduganwa mw'Izamurwa, n'ibindi gushikaku gice ca 19, ivyo ni vyo bishikira ubwoko bw'Abayuda Ishengero rimazekuduzwa. Ni igihe ca vya vyago

bihambaye, nta kiba kigishika ku ruhanderw'abanyamahanga, atari ukwicwa gusa, n'ibindi nk'ivyo, nk'uko tuzobibonanitwabishikako. Ariko ishengero ubwaryo; riba ryagiye ku ca 13…ku murongo wa nyumaw'igice ca gatatu (3) c'Ivyahishuwe, mu gihe Igihe c'Ishengero rya Lawodikiya,ari co cari igihe ca nyuma, kirangiye.

28 Kandi twararavye igihe cose c'ishengero, ikiringo cose, ikintu cose cashitse,inyenyeri yose, intumwa yose, kamere kazo, ivyo zakoze, ivyotwarabikurikiranye muri kahise gushika ku vya nyuma; bicapuye hariya hirya,kiriya gicapo kiri ku ruhome rwo kuri uru ruhande. Maze duhejeje, MpwemuYera yaraje acapura nka vya bindi nyene, umuzingi ku gihome,yarabiduhishuriye we nyene ngaha twese.44. Ubu rero, mu gukora ivyo, ndizigira ko ku mpera, azoza afise ikintuc'igitangaza ngo yongere atwereke ko turi mu gihe ca nyuma.

29 Ni bangahe muri mwebwe bumvise ijambo rya Kennedy…ry'umukuruw'igihugu Kennedy, ivyarivuzweko n'ibindi : Ni bangahe bumvise ivyo yavuze,ko hatazorenga itariki 1 y'ukwa mbere, Leta Zunze Ubumwe za Amerikan'Uburusiya bitaracika umunyota w'ibirunga? Mbega ikindi twokora ni igiki?Igihe kirakuze kurusha uko tuvyiyumvira. Murabibona? Gurtyo, nimbatuvyegereje cane ku buryo n'ab'isi babura ko ico kintu giteye ubwoba kigiragishike, vyotubera vyiza twiyubaye, vyose bitunganijwe neza, twihanye vyose,vyose biteguye, kuko tutazi neza isaha Umwami wacu azoduhamagarirako.Kandi aho azohamagarira ati: “ Duga ino hejuru!”, dutegerezwa kuba twiteguye.Kandi ivyo bizoshika mu gihe mutiteze.

30 Rya kanguro rikomeye ry'abapentekote ubu ririko rirangira, - turabibonahose, - ikanguro rihambaye rya nyuma. Ubutumwa bwaramamajwe. Ubu rerobose bariteguye, bararindiriye. Ishengero ryaradomweko ikimenyetso mazerishirwa ku ruhande. Ababi barushirijeho kuba babi. Amashengero arushirizahokugendera mu migenzo. Abera biyegereza Imana. Impano za Mpwemuziratanguye kugwira mu migwi mito mito. Turi mu gihe ca nyuma. Oh,ndakunda iyi ndirimbo twahora turirimba kera, mw'Ishengero.12 Ndindiriye ukuza kwa ya Nganji y'imyaka igihumbi, uwo musiuhezagiwe. Aho Umwami wacu azozira kurondera Umugeni wiwe amwiteze; Oh, umutima wanje uranyotewe urahuzagizwa wifuza uwo musiw'ugucungurwa Ah'Umukiza wacu azogarukira kw'isi. Mu kurindira ico gihe!

31 Ubu rero, ku gice ca 5, ku mirongo ya 5,twarabonye, duheruka kubona, twaravuze ku Muvyeyi Mucunguzi, kanditwarabonye ko ari Kristo. Twarerekanye Rusi nk'ikigereranyo: ingingo Rusiyafashe, ibikorwa Rusi yakoze, uburuhukiro bwa Rusi. Gufata ingingo kwabayeugutsindanishirizwa; igikorwa, igihe yariko aritegura kwari ukwezwa;uburuhukiro, cari igihe Mpwemu Yera yaza, gushika ku mazimano y'Ubukwe.Mbega ukuntu ari vyiza! Ishengero ryaraje riciye muri Yohana Wesileyi, ugutsindanishirizwa,canke… Maritino Luteri, ugutsindanishirizwa; biciye muri Yohana Wesileyi,Ukwezwa; biciye mu bapentekote, Umubatizo wa Mpwemu Yera; maze uburiraruhutse, mu kurindira Ukuza kw'Umwami waryo. Biratunganye!49. Umuvyeyi-mucunguzi wacu, aba kera ntibihenze mu kumwita Umwagaziw'intama, uwo, nk'umucamanza, yari hafi guhinduka intambwe. Yari umwagaziw'intama, murabizi, afise igitabo kimatanishijwe udushashara ndwi. Amazegufata ico Gitabo, igikorwa c'ubuhuza cari giheze.

32 Ubu rero, ku gice ca 3, Ishengero riraduga, ariko haba hasigaye guhishuraugucungurwa, tukerekana ingene ishengero ryacungu… ryacunguwe,uguhishurirwa kw'ivyabaye mu bihe vy'Ishengero. Murabona, Ishengero ribaryagiye, none ubu, ku gice ca 5, yerekana ukuntu yabikoze, ivyabaye, ukuntuyadomye ikimenyetso kw'ishengero. Uguhishurwa kw'Izina ryiwe, Umubatizowo mu mazi dukoresheje Izina ryiwe, Ubugingo budashira, ko ata muriroUhoraho uriho, uruvyaro rw'inzoka, umutekano uhoraho, inyigisho nkuru zose,ugutoranywa kw'Ishengero, ivyo vyose vyarahishuriwe Ishengero. Arerekanaukuntu yabikoze.

33 Ubu rero, Umuvyeyi wacu aca yabira Igitabo c'Ugucungurwakimatanishijwe udushashara ndwi agikuye mu kuboko kwa nyene co. Amen!Twabonye ko nyene co, yari nde? Imana ubwayo. “Kandi Umwagazi w'intamaararaza, maze akura ca Gitabo mu kuboko kw'iburyo kw'Ivyagiye kuri ya Ntebe.”Uwo Mwagazi w'intama yari nde? Umucunguzi, umuvyeyi wacu akaban'Umucunguzi, umuvyeyi w'Ishengero, yaje gucungura Isirayeli.1352. None rero turaja kubishimangira muri iki gitondo. Isirayeli yaracunguwe,ariko ugucungurwa ntikwabashitseko, kuko bamushibuye. Ariko Ishengeroryarakiriye ugucungurwa kwiwe, kandi ni umuvyeyi wacu akaban'Umucunguzi. Nk'uko vyabaye ngombwa ko Bowazi acungura Nawomi kugirango ashobore kuronka Rusi umunyamowabukazi, - umunyamahanga, umugorewo mu mahanga, - ni na ko Kristo yacunguye Isirayeli, yarakozeivy'ugucungura, ariko Yaranswe.

34 Muribuka ikigongwe cari cagiriwe wa muntu bica mpora ndababwira? Mugihe c'intambara y'ukwikukira, mu gihe … Yari umuntu w'imvugakuri. Ntacaha yari yakoze, ariko yagirizwa icaha. Nubwo, ku ruhande rumwe, yariyagirijwe icaha, kuko yari yidohoye ku rugamba. Yari yagirijwe icaha, kandibagira bamurase. Maze umuntu umwe aja kubonana n'umukuru w'igihuguLincoln maze amubwira ati: “Mushingantahe Lincoln, uyu muntu ni umukristo.Yaragize ubwoba. Uwo muhungu ndazi umuryango wiwe. Yagize ubwoba gusa.Ntiyashaka gukora ikibi. Yaridohoye.” Yaravuze ati: “Mushingantahe Lincoln,biri mu biganza vyanyu. Ni mwebwe mwenyene mushobora kumugiriraikigongwe.” Umushingantahe Lincoln yaciye afata agapapuro n'ikaramu yiwe,maze aterako igikumu ati: “Kanaka aragiriwe ikigongwe.” “Abraham Lincoln.”Yaciye asubira

n'ingoga kw'ibohero, maze aca aravuga ati: "Ng'iki rero. Nagusabiye ikimbabazi."

35 Maze uwo mugabo aca aravuga ati: "ivyo ndanse kubiraba. Hari kubahariko ikidodo kinini. Hoba hariho n'ibindi bindi vyinshi. Nta kindi ugombaatari agahanga kanje, nta kindi. Si Abraham Loncoln. Uwo ari we wesearashobora kwigana igikumu ciwe. Ariko iyo kaba kavuye i we, vyari kuba arivyo iyo kaba kariko ikidodo ciwe." Wa mugabo yarabishimangiye cane rwose;naho vyari uko, uwo yari mw'ibohero yiyumvira ko yariko arafyina, maze acaarigira. Bukeye mu gitondo, yararashwe. Hanyuma, amaze kuraswa, harabayeurubanza muri Sentare yo muri iyo ntara, kuko Abraham Lincoln yari yaragiriyeikigongwe uwo muntu amasaha mirongo ibiri n'ane imbere y'uko yicwa, mazeLeta naho vyari bimeze uko yari yamwishe. None hakurikiye iki? GurtyoSentare yo muri Leta zunze Ubumwe za Amerika yaravuze, ifata ingingoyerekeye Sentare zo mu ntara, ivuga iti: "Imbabazi ntiziba imbabazi kiretse zakiriwe nk'imbabazi."

36 Na Yesu yaracunguye Isirayeli i Kaluvariyo. Ariko nta co baronse kuriubwo buntu, kuko batabwemeye nk'ubuntu. Ariko, mu cigwa cacu, aha kumayinga mirongo irindwi, turaja kubona basubira kwemera ubuntu bwabo.Ariko yaracunguye Ishengero, guryo rero twaragiriwe ubuntu, kuko twemeyeamaraso ya Yesu Kristo kubw'imbabazi zacu.

37 Ni vyiza, nuko rero twarabonye ko yari Umuvyeyi wacu akaban'Umucunguzi kandi akabira ca Gitabo agikuye mu kiganza ca nyene co. Niicemezo ko ari iciwe kubw'ugucungura. Twarabibonye. Muribuka icigwa cacu?Ni icemezo c'ubucunguzi bwiwe. Kandi, hamwe n'ivyo, ni icemezoc'umugabane wiwe kidaharirizwa. Mu bisanzwe, muri rya tongo rya EdeniImana yari yagenye ko hagira igipfa kugira umuntu aronke ubugingo. Gurtyorero, Yesu, Umugororotsi, yarapfuye hanyuma aba ahawe icemezo c'uko ariiryiwe kandi yarashoboye kumenagura ibikimatanije ca Gitabo arahishuraivyari biri muri co, maze aha ubwoko bwiwe umugabane wabwo. Ubugingobudashira yari yahawe kubw'ivyo yakoze, ubugingo bwiwe bwite yabuduhereyei Kaluvariyo maze abugabanganya muri twe kubwa Mpwemu Yera. Amen! Ntamuntu n'umwe yashoboye namba kugira n'iciyumviro na gitoya c'urukundorwari rukwiriye, ni vyo yakoze. Satani, yari yaracakiriye bivuye ku kugwa kwo muri rya tongo, yaraboshwemaze atererwa mw'itanure ry'umuriro. Iminsi iba ishize.

38 Mu butumwa bwiza, Yesu yaronse amatazirano ane. Ivyo twarabibonye.Umwana wa Dawidi, Samuragwa w'Ubwami; Umwana wa Aburahamu,umugabane w'ubwami; Umwana w'Umuntu, Samuragwa w'isi; Umwanaw'Imana, Samuragwa w'ibintu vyose, Umugabane w'Ubwami! Mw'isezerano rya kera, ntawashobora - ntawashobora kugumana itongoimyaka irenga mirongo itanu; nyene ryo ntibashobora kumumaza imyaka irengamirongo itanu ari hanze y'itongo ryiwe. Kandi ku musi ugira mirongo ine,yaratanze ikiguzi. Umusi ugira mirongo itanu, ugucungura n'ubushobozibwegukira Ishengero, kandi bikaba vyari vyaratakajwe muri rya tongo ryaEdeni, vyaracunguwe maze turabirungikirwa biciye mu mubatizo wa MpwemuYera, ku musi ugira mirongo itanu.

39 Hanyuma, ni ho twaca dufata, umuzingo. Twarafashe imizingo, twarabonyeko umuzingo wari washizwe mu kiganza ciwe. Yeremiya, muri Yeremiya 32: 6,muvyara we Hanameli yari yaramusigiye umugabane. Kandi bari bajanywe ariinyagano. Mbere, turaja kumusangayo muri kino gitondo: mu nyagano. Kandiuwo muzingo wari washinguwe mu rwavya rw'ibumba; ivyerekana ahoubushobozi bw'Imana buri, imizingo n'amabanga y'Imana amenyekanira mu mutima. Umugambi wacu w'ubucunguzi, na wo nyene wari washinguwe munzavya z'ibumba, Izina rya Yesu n'uguhishurirwa.

40 Twarabonye ko vyari bimatanishijwe udushashara ndwi, kandi agashasharakose kari kakizungurutse. Mu gihe uguhishurirwa kwatangwa, yaramenaibikimatanije, akakizingurura, maze agaca asoma ibivugwa muri ico kimatanije.Yarazingurura igikurikira, akakimena kugira ngo arabe ivyo iryo shashara rivuga, n'uguhishurirwa ukwo ari kwo. Ng'uko rero neza na neza ukuntubizogenda kuri bimwe ndwi bimatanije vyacu, ivyo duhava dutangura vuba,turavyizigiye. Ikimatanije cose, ni camenwa kigatandukanywa n'igitabokizozingururwa, ni co kizokwerekana neza na neza ivyabaye. Twarabonye ko "indwi", hariho indwi incuro zitanu mu mugambiw'ubucunguzi. Igitigiri, ni gatanu. Kandi hariho indwi incuro zitanu: bimwendwi bimatanije igitabo, impwemu ndwi, abamalayika ndwi, inzamba ndwi n'ibihe ndwi vy'Ishengero. Gurtyo rero, murabona ko gatanu incuro ndwi ariubuntu. Gatanu, ni ubuntu, indwi na co, ni ugutungana. Gurtyo rero ivyo bibavy'ukuri mu gutungana, murabona. Ni vyiza.

41 Ni nk'uko, ikimatanijwe cose mw'Ijambo ry'Imana, iyo kimenwe,gihishurira umuntu wo muri iki gihe igihe tugezemwo ico ari co, impwemuy'ico gihe iyo ari yo, ishengero ry'ico gihe iryo ari ryo. Mu Vyahishuriwe 10,turabona kw'iherezo, igihe ica nyuma kimatanije ico gitabo camenwa, turabonako Umumarayika aba ari ho ahagaze, ukuguru kumwe agushize kw'isi ukundi nakwo agushize ku kiyaga, amaboko amanitse ayerekeje mw'ijuru kandiumunywamazi wari ku mutwe wiwe, kandi arahira ibaho ibihe bidashira, ko atagihe kigisigaye, mu ca nyuma kimatanije ca Gitabo. Kandi rindira gusadutangure ivyo bimatanije ca Gitabo hanyuma tubone ibiri muri ico kimatanijeIgitabo. Tumaze kubona ibiri muri ya mayinga mirongo irindwi, hanyumatuzobona ibiri muri ivyo bimatanije ca Gitabo. "Nta gihe kiba kigisigaye", Ugucungurwa kuba kurangiye, ico gihe aba abaye Intambwe n'Umucamanza.Muri iki gitondo ni We Mukiza wanyu, ariko umunsi umwe azoba Umucamanza wanyu.

42 Kuva ku murongo wa 8 gushika ku murongo wa 1…ku murongo wa 14w'igice ca 5, ni uguhishurwa kw'igihe c'Umwagazi w'intama asengwa,mw'ijuru no mw'isi. Ca gitabo kimatanishijwe udushashara ndwi, Umwagaziw'intama abereye, Umuvyeyi akaba n'Umucunguzi, hanyuma, kuva kumurongo wa 8 gushika ku murongo wa 14, abamarayika baramusenga, babakuru bakamusenga, vya binyabugingo biramusenga. Kandi Yohanayamusenze ashimitse ku buryo yavuze ati: "Ivyaremwe vyose vyo mw'Ijuru,mw'isi n'ivy'I kuzimu, vyaranyumvise mvuga nti: "Uguhimbazwa, ubwiza,ubushobozi, ubwenge ububasha bibe ivy'Umwagazi w'intama!" IgiheUmwagazi w'intama ari We Mwami asengwa.

43 Ico gihe rero mwibukeko,Ishengero ryagiye.65. Uburero dufate Daniyeli ku gice ca 9, kuva ku murongo wa 1 gushika kumurongo wa 3. Kandi hanyuma turaja guhera ku murongo wa 27, kuko ngaha,n'isengesho gusa rya Daniyeli. Nagomba ko mwosoma kandi mukabisubiramwokenshi muri ino ndwi, gushika mubitahuye.16Mu mwaka Dariyo, mwene…wo mu ruvyaro rw'Abamedi yimyemo,yimitswe kuba Umwami w'igihugu c'abakaludaya, mur'uwo mwaka wambere ari ku ngoma jewe Daniyeli namenyeshejwe n'ibitabo igitigiric'imyaka Yerusalemu hazomara ar'imisaka, kw'ar'imyakamirongw'irindwi, ari yo nyene Ijambo ry'Uhoraho ryavuze, arivugishijeYeremiya.(Umurongo ukurikira) Mpanga amaso Umwami Imana, kugira ngoniyegurire gusenga no gutakamba, nisonzesha, nambaye amagunira nsizeumunyota. Nsenga Uhoraho Imana yanje, ndatura nti… Kandi arabandanya nk'uku, gushika aho dushika ku murongo wa 20, hariya.

44 Kugira ngo ducungure umwanya, kubera ko hari abantu bahagaze, nagomba komwobandanya gushika ku wa 20, kugira ngo ubu rero dutangure umurongo wa20. Nuko nkivuga, nsenga natura icaha canje n'ic'ubwoko bwacubw'Abisirayeli, kandi ngitakambira Uhoraho Imana yanje umusozi wayowera;Nkiriko ndavuga nsenga, wa mugabo Gaburiyeli nabonye mu vyo nabanjekwerekwa, aratumwa aguruka n'ingoga, anyegera nko mu gihe cogutanga ikimazi ca ni kera. Ambwira antahuza, ati Daniyeli, ubu nzanywenokukwungura ubwenge. Emwe, ese iyo tuja kuba ari ho turi! Yamusanze amaze gute? Arikoarasenga. Umumarayika, "Umugabo". Nimba mubibona, yamwise "Umugabo".Kandi…Ugitangura gutakamba hacuwe ijambo (kandi ryaracuwe, yaronseitageko ryo kujayo) kandi nzanywe no kurikubarira kuk'ur'umukundwa cane;nukw'iryo jambo uryiyumvire cane, utahure n'ivyo weretswe. Amayingamirongwirindwi agerewe ubwoko bwanyu n'igisagara canyu cera, kugirangw'ibicumuro bishire n'ivyaha birangizwe, n'ibigabitanyobitangirw'impongano, hazanwe ukugororoka kutazoshira, ivyo weretswen'ivyavugishijwe n'Imana ngo bimatanishwe ishashara idomwemw'ikimenyetso,ahera cane harobanuzwe amavuta. Ng'ivyo ibintu bitandatu vyatumye aza. Uburero, raba neza.N'uk'umenye, utahure, (Umviriza neza!) yuk'uhereye igihe icagezwekizoshingirwa co kuvyura no kwubaka Yerusalemu gushika kuri Mesiya Segaba,hazocah'amayinga indwi…maze habeho ayandi mayinga mirongo itandatun'abiri, hasubire kwubakwa, basubizeh'imiharuro n'imigende; mbere bizobabikorwa mu bihe bigoye. Maz'ayo mayinga ukw'ari mirongwitandatu n'abiri ni yashira, Mesiyaazokurwaho, kandi nta wuzomusubirira mu gishingo. Maze Segaba wundi azoza,abantu biwe bazosangangura igisagara n'ahantu hera; arikw'iherezo ryiwe17azotembanwa n'umuvo; kand'intambara zizorinda zishitsa no kw'iherezo;ubugesera bwashinzwe ko buzotera. Kand'azosezerana na benshi isezerano rikomeye (Umviriza!) kumaraiyinga rimwe: ni ryagera hagati azokurah'ibimazi n'amashikanwa; ugeseza azoza kw'ibaba ry'ibizira; maz'ubuyobe buzosukwa kur'uyo ageseza, gushitsaku muhero washinzwe.

45 Ng'ico rero igisomwa tuzokwisunga mu bikorane vyacu bitatu, bine cankebitanu vyo mu misi iri imbere. Ico Umwami azogomba guhishura. "Amayingamirongo irindwi." Ubu rero, ngira nsabe Doc namba kuri uno mugoroba yoshobora kunshiriraikibaho harya, kugira ngo nshobore gushushanya ibi. Sinshaka ko vyobacika.Ubu rero dutegerezwa kuvyigira hamwe twinjire mu bwina bwavyo ahandi hobiraja kubacika. Kandi ngira ndabishushanye ngaha ku kibaho, gurtyo reromuzane ikaramu y'igiti n'urupapuro, hanyuma mwimure amatariki, ibihe,n'insiguro zose.70. Ubu rero, ya mayinga mirongo irindwi atangura (tahure neza ibi) ishengerorimaze kuzamurwa. Ni uko, abatahura ibi bose, bavuge bati: "Amen". [Ikoranirorivuze riti: "Amen". - Umw.] Nuko rero, ishengero rimaze kujanwa.

46 Kuva ku Vyahishuriwe Yohana 6: 1 gushika ku Vyahishuriwe Yohana 19:21, bifatanye na ya mayinga mirongo irindwi, ni co gituma dutegerezwaguhagarara tubisigure imbere yuko tugera kure. Dutegerezwa guhagarara kugiradusigure igituma ayo mayinga mirongo irindwi yarabayeho. Kuko atari ukontimwotahura bimwe ndwi bimatanije Igitabo, ntimwotahura za nzamba,ntimwotahura za nzavya, vya vyago, za mpwemu zitatu zihumanye zisan'ibikere, ya mahano atatu, ca gisato gisa n'ikibengebenge cakorowe, wamugore yambaye izuba. Atari uko ivyo vyose bizobacika, kuko ivyo bishikamuri iryo yinga rya mirongo irindwi nyene. Ni aho bishikira.

47 Nuko, uwavugishwa n'Imana Daniyeli rero hari haheze imyaka mirongoitandatu n'umunani ari i Babuloni -, kuri mwebwe mushaka gutohoza ahovyavuye, nimba mushaka kuziganya umwanya namaze ndabirondera - imyakamirongo itandatu n'umunani. Yari yatwawe nk'inyagano mu mwaka wa 606imbere ya Yesu Kristo, kandi ni - ni mu mwaka wa 538 imbere ya Yesu Kristoaho ukwo kwerekwa kwamujeko. 606 dukuyemwo 538, hasigara 68. Harihaheze imyaka mirongo itandatu n'umunani ari i Babuloni, ari hagatiy'abapagani, kandi yamana intsinzi ibihe vyose. Amen. Twebwe, ntidushoboraguhagarara n'isaha n'imwe.1873. Ariko we, yari ari hagati muri bo kandi yari kumwe n'abagenzi batatu gusakandi bo bari

ahandi hantu muri ubwo bwami. Ariko Daniyeli, ari kumwen'Imana gusa, yagumanye intsinzi imyaka mirongo itandatu n'umunani.Muravyibazako! Sinshaka gutangura kubivugako ubutumwa bwiza kuko ariubutumwa bw'inyigisho. Ariko yari yagumanye intsinzi mu kiringo c'imyakamirongo itandatu n'umunani, ntiyari yariyanduje imbere y'Imana, kandi ahorero, ata mubatizo wa Mpwemu Yera, ata Maraso ya Yesu Kristo amuvugira;yari afise gusa amaraso y'amapfizi y'inka, ay'amapfizi y'impenen'ay'amashashi y'inka yategerezwa gutangira mu mpisho, kubw'imigenzoy'abapagani yo muri ico gihugu. Bari babatwaye hariya. Yeremiya yariyaravugishijwe ko bazojayo.

48 Gurtyo rero, Daniyeli, Oh! la!la! Yari yatanguye kubona ko igihe cegereje,nk'uko ariko biri no kuri twebwe uyu musi. Daniyeli yavuze ko yatanguye « kubona, biciye mu gusoma ibitabo ».Mur'uwo mwaka wa mbere ari ku ngoma, jewe Daniyeli namenyeshejwen'ibitabo igitigiri c'imyaka Yerusalemu hazomara ar'imisaka,kw'ar'imyaka mirongwirindwi, ari yo nyene Ijambo ry'Uhoraho ryavuze,arivugishije Yeremiya. Yeremiya, mu mwaka wa 606 imbere ya Yesu Kristo, yari yaravugishijweko kubera ivyaha vyabo n'ukutubaha Imana kwabo, bazogumayo imyaka mirongw'irindwi.

49 Muribuka, hariho uwundi muvugishwa n'Imana yaje muri ico gihe. Izinaryiwe riransize muri uno mwanya. Ndashobora kumbure kuribaronkera mu -minota mikeya, ndondeye gatoya. Ariko we, yaraje maze aravuga ati :« Yeremiya, urihenze. Imana izogumiza Abisirayeli hariya mu kiringo c'imisikanaka gusa, mu gihe c'i… nk'imyaka ibiri. » Yeremiya yavuze ati : « Ni bibe gurtyo. Amen. » Yaravuze ati : « Arikorindira gatoya. Twe na we nk'abavugishwa n'Imana, turaja kubirabira hamwe.Yaravuze ati: “Ibuka, hariho abavugishijwe imbere yacu, kandi bavuze ibintubitari vyo. Kandi baragiraniye ingorane n'Imana kubera ko bavuze ibintu bitarivyo. Gurtyo rero, turabe neza ko turiko tuvuga ukuri. Ariko kuri jewe, UmwamiImana yambwiye ko hasigaye imyaka mirongo irindwi.” Imana yaciye ikubitauwo muvugishwa w'ikinyoma, yaramukuyemwo ubugingo uwo mwaka nyene,kukw'Imana yari yabwiye uwuvugishwa n'Imana w'ukuri ko hazohera imyaka mirongo irindwi.

50 Kandi nagomba kubereka ko Daniyeli, nubwo yari umunyamabanga,n'ubwo yari yaratandukanijwe n'ubwoko bwiwe, agatandukanywa n'ishengeroryiwe, ntiyakoranira na gato mw'ishengero, ntiyari afise ishengero ajamwo, nta zindi ndirimbo yaririmba uretse izo yaririmba wenyene, - n'ubwo vyari bimezegurtyo, yagumye gusa ashikamye kuvy'uwo yavugishwa n'Imana yari yaravuze.Amen! Amen! Ntiyagira ishengero ajamwo, ntiyagira umuntu bafatanya; abantu bose bajamu nsengero z'abapagani, abantu bose basenga ibigirwamana. Nta ndirimboz'abakristo zari zihari, nta muntu n'umwe yizera nk'ivyo yizera. Kandi mu gihec'imyaka mirongo itandatu n'umunani, - kuva akijanwa hariya, mu gihe yariakiri umwana w'imyaka cumi n'ibiri canke cumi n'ine, - yagumye ariumwizigirwa ku Mana; kandi yaratahuye biciye ku muvugishwa Yeremiya koimisi yasa n'iyishize. Mbega ukuntu uvugishwa n'Imana wese w'ukuri yariakwiye kugira ukwiyubara mu mutima wiwe; iyo turavye inyuma muri kahisekugira ngo turabe ivyo uwo yavugishwa n'Imana yavuze, kandi tukaba tuzi koturi mu gihe ca nyuma. Yavuze ati: “Namenyeshejwe n'ibitabo, ko Yeremiya mwene Data, hahezeimyaka myinshi, avugishijwe ko Isirayeli izoguma ngaha mu kiringo c'imyakamirongo irindwi. Kandi igihe gisa n'igiheze.” Hanyuma yaciye yiteguraamenyesha ko hababo ukwisonzesha, arisonzesha, kandi igihe…umunyotan'amagunira; yabishize ku mutwe, maze atangura kwisonzesha no gusengakugira ngo atahure uko ivy'igihe bari barimwo vyari biri.

51 Kandi namba Daniyeli, uvugishwa n'Uhoraho, yarashoboye guseranguraibitabo vya Yeremiya, maze bikaba vyaramugiriye ikimazi nk'ico; ko mberen'ukuba Isirayeli yarasohotse, ko abari bakiriho bose basohoka bava i Babulonikugira ngo basubire mu gihugu cabo, kuba vyaratumye yisonzesha, kandiagafata igunira n'umunyota, mbega ukuntu ukumenya ko igihe kiriko kirashirako ata gihe gisigaye kandi ko Ukuza kw'Umwami Yesu Kristo na ya Nganjiy'imyaka igihumbi igiye kuza vyategerezwa gukora kw'ishengero ry'Imananzima! Twoshobora gute guta umwanya wacu dukina akamari, canke tuja mubibanza vyo kwogeramwo ku w'iyinga, nta mwanya mwoha Umwami? Bacabasimbira hariya. Umwungere avuze ikintu kitatunejereje, turahaguruka mazetukisohokera. Kandi ikoraniro ritevye cane, ni uko, tu - turashavura. Raba nezaukuntu tumeze. Raba ivyo dukora. Tugereranye ubuzima bwacu n'uwomuvugishwa n'Imana. Umuntu umwe, mu bwami bwose, ntagira ishengeroajamwo, ata n'ahantu na hamwe agira aja. Vyose vyari vyarononwe kandibiraturirwa; igisagara ciwe, ubwoko bwiwe bwari bwagizwe inyagano. Imyakamirongo itandatu n'umunani! Mirongo itandatu n'umunani, mirongo itandatun'icenda, mirongo irindwi: Yarasigaranye imyaka ibiri.

52 Gurtyo, igihe yatanguragusoma mu gitabo kandi akabona ko igihe c'ugushika (kw'ivyavugishijwe) caricegereje, ko ivyo vyagira bishike, yaciye yiyegereza Imana mw'isengesho,kugira ngo amenye ivyo ari vyo. Mbega igihe gikomeye! Twebwe, turiko turakora iki? Mu gihe “amahangaariko aratatana, ikiyaga kikabomborana, ubwoba bugahindisha agashitsi imitimay'abantu, mu gihe batazi ico bari bukore.” Ivyo bintu vyose, igikonjo candika kurusika. Ivangura ry'amoko, ibibi vy'uburyo bwose vyiganziye isi, n'induru,imitongano n'ibindi nk'ivyo. Kandi hariho ibirwanisho bitari bike bibitswe mukuzimu kugira ngo nk'agahugu gatoya nka Cuba, kari hafi yacu gashoboreguhonya isi mu minota cumi. Hanyuma bo, bagatongana, abagabo batubahaImana, batazi Imana kandi batazi ubushobozi bw'Imana. Kandi Mpwemu Yera ari mw'Ishengero, ariko arakorera mu batoranijwe,yerekana ko ari muzima inyuma y'imyaka ibihumbi

bibiri, ko uko yari ari ejo,n'uno musi ari ko akiri kandi ari ko azokwama ibihe bidashira. Twoshobora gutekuguma twicaye ngaho, ata co twinona? Twoshobora gute gufata ibintu nk'uku,minenerwe? Ni igihe c'uko twokwisuzuma, mu gihe tubona ko iki gihe gikomeye cegereje.

53 None rero, yari yarasomye muri Yeremiya, mu gice ca 25; dufate muriYeremiya, igice ca 25, maze dusome ivyo Yeremiya yavuga. Mu bisanzwe,dutangurire ku murongo wa 8, kuko ni… Ngomba kumenya ntakekeranya komwabitahuye. Ni umurongo wa 11 nimuye kugira ngo tuwusome, arikodutangurire ku murongo wa 8. None rero, uku ni k'Uhoraho Nyen'Ingabo agize,Ndakunda vy'ukuri ivyo. Iyo numvise uwuvugishwa n'Imana ahagaze ngahoafise UKU NIK'UMWAMI IMANA AGIZE, mwene Data, biba biheze. Kurijewe, ivyo biraheza ikibazo, nta co kwongerako.…ni k'Uhoraho nyen'Ingabo agize, ati ko mutumviye amajambo yanje,nzotuma kugomora imiryango yose y'i buraruko, ni Jewe Uhoraho mbivuze,kandi nzotuma no kuri Nebukadineza Umwami w'i Babuloni, umusavyi wanje,mbazane ngo barwanye iki gihugu n'abakibamwo, barwanye n'aya mahangayose agikikije ; kandi nzobageseza rwose, mbahindure akajoreza, n'abokuvuzwakw'agahwa, n'iciro ry'imigani ibihe bidashira.Nimwibuke, ni abatoranijwe n'Imana avuga ngaho. Ntibari abatizera, bariabanyeshengero. Ikindi, nzobakuramwo ijwi ry'ibitwengo n'ivy'umunezero. (Nk'ivyodufise uno musi, intambo za Rock na Roll, na Ricky, na za Elvis zose) kandi, ohn'ijwi ry'umukwe n'umugeni, n'ukuvuga kw'inyoni na kwo n'iry'umugeni,ukuvuga k'urusyo… ukubonesha kw'itara. Kand'iki gihugu cose kizobaamatongo… Nimwumve uwo muvugishwa n'Imana asemerera ati: « Kand'iki gihugucose kizocika amatongo! » Kandi si uko ngomba kwigana uwo mukozi w'Imanaakomeye, ariko ndavugishijwe ko iri hanga ryose rizocika amatongo. Imana21izohana iki gihugu kubera ivyaha vyaco. Namba Imana itirengagije ibikorwabibi Isirayeli yatoranijwe na Yo, uruvyaro rwa Aburahamu, urwo yari yarahayeindagano n'isezerano, - ariko bari abasenzi gushika no mu magufa, bafiseamashengero akomeye, abaherezi babo, abigisha babo, ariko kubw'ubushizibw'isoni n'ivyo bintu vyari hagati muri bo, Imana yatumye bimbura ico bateye,- ni ko na twebwe tuzogiriranira ingorane na We. Umurongo wa 11:Kandi iki gihugu cose kizoba amatongo n'akajoreza,Ni ukuvuga ko uwuzobabona wese azovuga ati: "Ehe ivyo bagezemwo.N'ukuntu bari bakomeye, ni mubarabe ubu" … Kand'ayo mahanga azokorera umwami w'i Babuloni iyakamirongwirindwi.Aho ni ubuzima bwose. Ni igihe mama wanyu mukundwa, ubu ashaje yariumwana. Bagumye hariya batagira mama, batagira ishengero, batagiraindirimbo, batagira na kimwe, bamara urunganwe rwose, gushika aho urworunganwe rw'abanyavyaha ruherengetera rwose.Hanyuma y'ivyo, iyo myaka mirongwirindwi ishize, nzohana umwami w'iBabuloni bo n'iryo hanga, ni jewe Uhoraho mbivze, mbahoreukugabitanya kwabo; nzohana n'igihugu c'Abakaludaya, ngihindureamatongo gushitsa ibihe vyose.Kandi nzoshitsa kur'ico gihugu amajambo yanje yose y'ivyo nakigeneye,ni vyo vyanditse mur'iki gitabo uko bingana, ivyo navugishije Yeremiyambigeneye amahanga yose.Kandi nabo ubwabo amahanga menshi n'abami bahambayebazobahindura abaja, kandi nzoba mbashubirije mu nkoko ibihwanyen'ivyo bakoze, n'ibihwanye n'ibikorwa vy'amaboko yabo.Kuk'ukw'ari k'Uhoraho ambariye, ari We Mana y'Abisirayeli, at'Endaabira mu kuboko kwanje iki gikombe ca vino y'uburake bwanje, ukiramizeamahanga yose ngutumyeko, bakinywe.Mu yindi mvugo ngo: "Yeremiya, ndakurungikanye ubu butumwa. Ntugumengaha, ata co ukora. Ntugume ahantu hamwe ibihe vyose, ariko vugishwa kumahanga yose." Murankurikira? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." - Umw.] Vugishwakw'Ihanga ryose. Erekana ibimenyetso vyanje n'ibitangaza vyanje, kandiubamenyeshe ko nje kubishitsa. Bazokinywa badandabagirane, bazimire ubwenge, kubw'Ijambo nzorungika muri bo.

54 Ni iki bariko barakora muri iki gihe nyene? Babita abavugishwa b'ibinyoma. Bavugako utinya kuvuga ukuri, ukavya, uri umupfumu, umurosi w'inzozi, cankenk'umuntu akora ubukonikoni, ibintu nk'ivyo. "Bazoba nk'abasazi!" Kandiijambo umusazi muriravye neza, risigura ngo "uwafashwe n'ibisazi".Bazohinduka neza na neza nk'abasazi, maze bavuge bati: "Oo, ntimurabeivy'uyo musazi, ibintazi vyiwe, kubw'Ijambo nzorungika hagati yabo.''

55 Murabona ingene ivyo nyene ari vyo bisubira kuba! Yeremiya ntiyahuzan'abafarisayo babo, abasadukayo babo, abaherodiya babo, n'abandi bose. Ya -Yaratangaza gusa Ijambo kandi ivyo vyatuma bamushavurira. None vyaciyebigenda gute? Ubu rero, raba neza.Nuko nabira igikombe mu kuboko kw'Uhoraho, ndakiramiza amahangayose…Yeremiya ntiyagumye i we. Yeremiya ntiyiyugaraniye mu gace gatoyabammwo, ariko yarakiramije amahanga yose. … Uhoraho yantumyeko.

56 Yeremiya yarafashe Ijambo ry'Uhoraho, Vino y'Ijambo ryayo. Kandi Vino,ni ubushobozi bw'Ijambo ryayo. Vino irafise ubushobozi. Vino ifise ubushobozibukaze. Harimwo ubushobozi muri vino. Yeremiya yavuze ati : "Nuko nabiriyeIjambo ry'Uhoraho maze ndarigaragaza. Vino, ubushobozi buri muri yo,narabuberetse, ariko baranse kwumva." Imana yaravuze iti: "Gurtyo reronzobarungika i Babuloni mumareyo imyaka mirongo irindwi." Ni vyo neza naneza yakoze. Baragiyeyo bose, abagororotsi n'abanyavyaha.

57 Ubu rero, tugaruke ku cigwa cacu. Daniyeli yari yarasomye. Iyumviregatoya: Daniyeli yasomye aya majambo nyene turiko turasoma muri iki gitondo. Daniyeli yasomye iyi Bibiliya nyene, yanditse kuno nyene, aya mungane nyenenk'ivyo nyene jewe, mfashijwe n'Imana nzobasomera mu butumwa bukeya buriimbere, vya bindi nyene, kugira ndabereke ko turi mu gihe ca nyuma. Gurtyorero Daniyeli, amanukana i Babuloni Ijambo rya Yeremiya. Kandi yariumuvugishwa n'Imana yasizwe amavuta. Kandi yarakoze

ibitangaza,ikimenyetso, yarashobora gusobanura indimi zitazwi, kandi yarakozeibimenyetso n'ibitangaza hagati yabo. Kandi n'ubwo vyari uko nta muntu yariku ruhande rwiwe! Yari wenyene. Amen! Yari wenyene!

58 Ariko hari haciye imyaka myinshi Yeremiya yanditse aya majambo. KandiDaniyeli, mu gusobanura Ijambo, yaratahuye… "Yemwe aha tuhitondere.Turegereje igihe ca nyuma, kuko imyaka mirongo itandatu n'umunani imazeguhera ndi ngaha. Kandi umuvugishwa w'Uhoraho" Amen, "Mwene Data, 23umuvugishwa n'Imana yaraduhaye ubuvugishwa. Ndabufise harya, buranditswemu gitabo, havugwa ngo: "Hazoca imyaka mirongo irindwi." O Mwami Mana,twegereje iherezo. Abo muri urwo runganwe barapfuye bose. Ugiye gukora ikiubu ga Mwami? Warasezeranye kuturungikira…" Maze yaciye afata ingingo yogusenga.

59 Ewe Mana, namba hariho igihe twebwe na twe, twategerezwa gutanguragusenga, ni iki gihe nyene. Kuko twebwe, turi abakozi biwe b'ukuri,turashobora kubona kubw'ivyete vy'intumwa, kubwa Mpwemu Yeraatugabisha, ko turi mu gihe ca nyuma. Mpwemu Yera arabivuga. "Mu misi yanyuma, abantu bazoba ari ibirandamuke, bikakisha, bakunda ibibahimbarabakabirutisha Imana, banka kwuzura, barementanya, batigarura, kandibadakunda ivyiza." Ni co ntahura muri ico cete.

60 Ndatahura kandi ko hazoza abacokoranyi mu misi y'iherezo. Ndatahurakw'ihanga rizohagurukira irindi hanga, mu misi ya nyuma. Ndatahura ko hazobaibihuhusi, mu misi ya nyuma. Ndatahura ko hazoba ibintu bizoba biteye ubwobakubona, nk'ibibona umwe [ibiguruka mu kirere bitazwi bimeze bwa bigendajuru-Umw.], ibintu bitangaje, kandi ko ubwoba buzohindisha agashitsi imitimay'abantu. Kizoba ari igihe tutazoba tuzi ico twokora, kandi abantu bazoba mumwiheburo. Ndasoma ko bose bazokwiyegeraniriza mu mashirahamwe, mumadini, kandi ko bazogira urunani rw'amashirahamwe mu misi ya nyuma.Ndatahura ko abagore bazoba bamwa imishatsi, mu misi ya nyuma. Ndatahurako bazokwambara impuzu ngufi, n'ibirato bifise amataro maremare bazogendabavuza mu gutambuka, mu misi ya nyuma. Ndatahura ko imico myiza izobayaratitutse mu misi ya nyuma. Ndatahura ko abavugabutumwa bazoba abungerebabi, mu misi ya nyuma, ko bazoba bahesha, kandi ko hakugaburira abantuIjambo ry'Imana, bazohindukirira za nemera n'ibindi bintu vyose. Arikondatahura kandi ko ijwi rizokwumvikana mu misi ya nyuma, ko rizosemereramu bugaragwa, ko rizohamagarira abantu kugaruka ku butumwa bw'inkomokoari kwo kugaruka ku bintu vy'Imana. Ndatahura, nkoresheje igitabo, ivyo bintu bigiye gushika.

61 Ndatahura ko mu misi ya nyuma, hazoba amapfa. Amashengero azocikaamadini, ashinge imizi rwose, n'ibindi, ko hazoba amapfa mu misi ya nyuma,kandi ko atazoba gusa ari ay'umutsima n'ay'amazi, ariko azoba ari ayo kwumvaIjambo ry'ukuri ry'Imana. Kandi abantu bazova i burasirazuba, i burengerazuba,i buraruko n'i bumanuko, barondera kwumva Ijambo ry'Ukuri ry'Imana. Arikoamashengero azocika amadini akonje cane, ku buryo batazoryumva. Ni vyontahura kubw'ibitabo. Ariko, kuri uyo musi, ewe Mana? Umunago uzonaga kuriDawidi. Ndatahura ko azorungika Eliya imbere y'uko uwo musi ushika, mu gihec'iherezo, kandi ko hazoza ubutumwa buzogarukana imitima y'abana ku ya baSe, buzobagarura kuvy'inkomoko, buzobagarukana ku ntango maze basubiregutangura. Ndatahura ko ivyo bizoshika neza imbere y'uko Mpwemu avamw'ishengero ryo mu mahanga kugira ngo ahindukirire ubundi busha Abayuda.

62 Ndatahura kubw'ivyete vy'abavugishwa n'Imana ko Isirayeli izohindukaihanga. Ugusenga kuzosubizwaho mu rusengero. Imana izokorana ubundi bushana yo aho izosubirira mu gihugu cayo. Oo! Abavugishwa n'Imana babiribazogaragara hagati muri bo mu misi ya nyuma. Ni vyo ntahura. Mu gihec'iduzwa ry'ishengero ryo mu mahanga, abavugishwa n'Imana babiri bazoshika,Elisa [ni Eliya - U] na Mose, kubwa Isirayeli. Ivyo tuzobibona mu cigwa cacu.95. Uyo muvugishwa n'Imana yarabonye ko igihe cabo, hariya i Babuloni, casa n'igiheze. Vyiza cane.

63 U…Gaburiyeli aca araseruka, ataje guhishura gusa ivyo yari yasavye, arikokugira ngo amumenyeshe ivyari vyashinzwe vyose ku bwoko bw'Abayuda, gushika ku mpera, gushika kw'iherezo. Amen! Yari yasavye ikintu gito, mazeaca aronka vyose. Yari yasavye gusa kumenya. Ivyo Daniyeli yashaka kumenya, vyari ibi ngo: Hasigaye igihe kingana gutega Mwami? Uvugishwa n'Imana Yeremiya, Umukozi wawe, mwene Datayaravugishijwe haheze imyaka mirongo itandatu n'umunani, kandi yavuze ko"ari mu kiringo c'umyaka mirongo irindwi ubu bwoko buzoguma ino". "Ubuurunganwe rwa kera rusa n'urwazimanganye."

64 Urunganwe rwa kera rwa Pentekote haciye imyaka mirongo ine rubonetse.Babita "Abarwanyi ba kera". Bagize idini, baratonganye, baraterana imirarwe,guhera bakiva ku musozi Horebu gushika ku musozi Nebo, inzira yose. Arikoubu twaruhiye gushika ku ruzi. Azohagurutsa urundi rusha, hamwe na Yosuwakugira ngo abajabutse. Amategeko yarananiwe; Mose yarayakurikiye, Moseyarananiwe. Ni Yosuwa yabajabukije. Turabona ko amadini yananiwe, ariko Mpwemu w'Imana… Yosuwa, Ijambo Yosuwa risobanurwa "Yesu Umukizawacu". Ni Mpwemu Yera azoza mw'ishengero. Si idini, ariko ni Mpwemu Yera azoza mu bantu; kandi azoritegurira kuduga, ngo rijabuke Yorodani. Ndatahura,kubwo ugusoma igitabo, ko ari vyo bitegerezwa gushika. Kandi Imana irazi koari vyo ndondera muri aka kanya, ngo nshobore guhoza ubwoko bwiwe kandi25ndabubwire ibigiye gushika, ndabibwire abari ngaha muri iki gitondo, no ku bariaho hose aya ma bande azoja, mw'isi nzima, ko turi mu gihe ca nyuma.

65 Yarahishuye ivyagira bishike vyose, gushika igihe Ubwami buzoshingwaneza, gushika kuri ya Nganji y'imyaka igihumbi. Ubutumwa bwa Gaburiyeli, bwari ubwo. Yaravuze ati: "Naje kukubwira ko hariho imyaka mirongo irindwi, hariho amayinga mirongo irindwi yashinzwe yagerewe ubwoko bwawe,yashinzwe gushika kw'iherezo ry'urunganwe rw'Abayuda. Hariho amayinga mirongo irindwi." Ubu rero ni mwumve neza ivyo yavuze: ko hariya, kuva kugutangazwa kwo gusanura…Amayinga mirongwirindwi agerewe ubwoko bwanyu n'igisagara canyucera…" Igisagara cawe". Igisagara ciwe, nticari Babuloni. Ni nde… Igisagara ciwe carihe? Yerusalemu.

66 Ubu rero, nitwashika ku - ku ndwi, canke, kuri za mvo zitandatu, turazakubona ico gisagara ico ari co, tubishire ahabona maze twerekane ico ari co,tubishize ahabona maze twerekane ico ari co, uwari yaragishinze, aho cavuye.Igihe kizomara kidasambuwe ? Kizosubira kwubakwa ? Ryari ? Oh, ibintubikomeye biraturindiriye. Ni uko.Amayinga mirongwirindwi agerewe ubwoko bwawe n'igisagaracanyu…Kugira ngw'ibicumuro bishire…Yamara rero, ntiyigeze avuga ati : « Daniyeli,…» Nta nkeka, ategerezwa kubayaramubwiye ko ya mayinga mirongo irindwi yari …Nshaka kuvuga ko yamyaka mirongo irindwi yasa n'iyishize. Mirongo itandatu n'umunani,haburamwo gusa imyaka ibiri. Kandi turabona ko ubuvugishwa bwa Yeremiyabwari bwo ata nkeka. Haheze imyaka ibiri bari basohotse. Nehemiya yararonseuruhusha rw'umwami maze arasubira kwubaka uruhome mu bihe bigoye.Barakoze. Yaravuze ati : « Igihome… » Nimwumve neza ibi.…kugira nw'ibicumuro bishire n'ivyaha birangizwe… « Kurangiza ivyaha. » vya ba nde ? Vy'Abayuda « yagerewe ubwokobwawe », atari ku banyamahanga. « Ku bwoko bwawe », Abayuda. « No kugisagara cawe », atari New York, canke Boston, Philadelphie, Chicago, LosAngeles, Roma. Ariko "ku gisagara cawe", Yerusalemu.…Kugira ngw'ibicumuro bishire…ivyaha birangizwe,… ibigabitanyobitangirwe impongano, hazanw'ukugororoka kutazoshira, ivyo weretswe26n'ivyavugishijwe n'Imana ngo bimatanishwe ishashara idomweko ikimenyetso,ahera cane harobanuzw'amavuta. (Raba neza!) N'ukumenye, utahure,yuk'uhereye igihe icagezwe kizoshingirwa co kuvyura no kwubaka Yerusalemu(ari co cari igisagara) gushitsa kuri Mesiya Segaba, hazocaho amayinga indwimuri amwe mirongw'irindwi.

67 Rindira gusa tuhashike! Oh! la! la! Ni umugisha ko jewe… Biraza gusabako nzana umugozi kugira ngo nibohere ngaha.102. Yarahishuye vyose, gushika ku vya nyuma, yaravuze ati : « Aho singombakukubwira, ko iyo myaka ibiri isa n'iyi… bizoba biheze, ishitse. » Kandi tweseturazi ko bagumyeho mu kiringo neza na neza c'imyaka mirongo irindwi, kandi- kandi ko basohotse, ivyo ni vyo uvugishwa n'Imana yari yaravuze. KandiYesaya, canke na ko…Daniyeli yarizera uwo muvugishwa n'Imana, rero yariaho, yiteguye. Ni uko. Kandi ya…103. Ni uko, Gaburiyeli, igihe yaza, yaravuze ati : « Naje kukumenyeshaivya…kuguhishurira ivyo bintu, gushika ku mpera, gushika kw'iherezo. » Murabona ? Raba.… maz'ubuyobe buzosukwa kur'uyo ageseza, gushitsa ku muhero… Umuhero, '' n'iherezo ry'ibintu vyose''.

68 ''Ngira ndakwereke ibizoshika.''Ubu rero ni mwumve neza. Bitahure neza! "Na…Daniyeli, natumwe. Uriumukundwa mw'ijuru. Numvise amasengesho yawe, none ubu, namanukanyweno kukumenyesha ivyagerewe Abayuda na Yerusalemu, kuv'ubu gushikakw'iherezo ry'ibintu vyose, vyose."105. Ubu rero mbega abariko baranyumviriza baratahura? Iyo dushoborakumenya ico ari co ayo mayinga mirongo irindwi, twomenya igihe iherezorizoshikira. Oh! la! la! Imana idufashe tubimenye. Turabwirwa neza na neza,ahantu hamwe muri izo mpapuro, igihe gikwiye, kuva ico gihe gushika ubu,gushika kw'iherezo; kandi bizoba bitomoye neza. Mbega ukuntu Ijambo ry'Imana rihambaye…

69 Igihe Imana yarema isi hanyuma ikayishira mukibanza cayo. Kandi nariko ndabivugako ubutumwa wa musi ku mugoroba wokuw'iyinga, ko ata na kimwe kibuze. Oh, Ukuzunguruka kw'iyi si kuratunganyecane ku buryo bashobora kubabwira neza na neza igihe izuba n'ukwezi bizogiraku murongo umwe mu myaka mirongo ibiri, bakababwira n'umunota. Nta sahan'imwe yo muri iyi si yotuma ndabibabwira; mbere n'iyitwa ko ihambaye, mukwezi irata iminota ibiri canke itatu ija imbere canke inyuma. Nta na kimwetwokora gitunganye nka vyo. Mu bisanzwe, nta wundi atunganye atari Umwe, ni Imana. Kandi Imana n'Ijambo ryayo ni ikintu kimwe, nuko rero Ijambory'Imana riratunganye.107. Kandi igihe twoshobora kumenya iyo misi, twomenye neza na neza ahoiherezo rizoshikira. Muratahura? [Ishengero rivuze riti: "Amen". - Umw.]"Vyarashinzwe gushika kw'iherezo." Umurongo wa 24: "Ubwoko bwanyun'igisagara canyu cera", ni ukuvuga Yerusalemu. Ndi ku murongo wa 21…kumurongo wa 24, hariya. Yesu yarabivuzeko mu Matayo 24.

70 Yesu yarabivuze muri Matayo, igice ca 24, kandi turabona… Ego, Matayo24 : 15. Ni uko, ngira ndahasome ningoga, kugira ngo mushobore kubona ivyoari vyo, aha ni Yesu avuga nk'ivyo nyene, asubiramwo ivya Daniyeli. Matayo24 : 15, kuri mwebwe mwimura. Nashaka ko umwe muri mwebwe, cane canekuri uyu mugoroba no - no kuw'iyinga uza, ko mwozana ikaramu n'urupapuro,kuko twebwe… kiretse mufise akaradiyo gafata amajwi. Umurongo wa 24 n'umurongo wa 15. « Ni uko aho … »« Nukw'aho muzobonera ca kizira c'ubuyobe bw'ubugesera, gihagazeahantu hera, cavuzwe na Daniyeli yavugishwa n'Imana…Nimuvyiyumvireko ! Nibaza ko aha, hasigaye imyaka amajana ane na mirongoumunani - n'ine, - n'itanu, hari hasigaye imyaka mirongo umunani n'itandatu,hasigaye imyaka amajana ane na mirongo umunani n'itandatu. …na Daniyeli yavugishwa n'Imana, …gihagaze ahantu hera…Raba, aho, muri Bibiliya zanyu. Ni hagati y'uturongo.… - Usoma ni yiyubare -

71 Yamara, ariko avugana n'Abayuda. Bashaka kumenya : « Ivyerekeye runorusengero ni ibiki ? Ruzosamburwa ryari ? Ruzosubira kwubakwa ryari ? Niryari ata buye rizosigara rigeretse ku rindi ? Ruzomara igihe kingana gute ? » Yaciye avuga ati : « Aho muzobonera ca kizira c'ubuyobe, gihagaze mugihe…muri Daniyeli, « gihagaze ahantu hera. » Yavuze ati: « Aho muzoboneraivyo bishitse, nuko, usoma natahure ibivugwa. » Ni co gituma dusenga Imana ngo ibitomore neza ngo ntihaben'ugukekeranya na gukeya. Mu bisanzwe, ntidukwiriye kwongera insiguro yacubwite kuri ivyo bintu. Bitegerezwa kuza ari UKU NIK'UHORAHO AGIZE. Gurtyo, ngarukiriza ngaho, gushika aho nzotahurira.

72 Yaramuhishuriye ibintu vyose; ico "kizira". Kandi, mwibuke, ivyo bifise insiguro nyinshi; ni nk'uko ngo:"Nahamagaye Umwana wanje ngo ave muri Egiputa." Nk'uko Abisirayelibahamagawe ngo basohoke, ni na ko nyene Yesu, Umwana wayo, na we nyene,yahamagawe ngo asohoke. Kandi ni nako nyene bizogenda, nk'uku nyene mpagaze imbere yanyu.Kandi yarabikoze ku buryo, yarabihishije rwose, yarabihishije rwose Ishengero.Oh, ni twatangura kuvyigako, ivyo bintu bitandatu vyo gutahura, kandi yahishijerwose Ishengero, kugira ngo Ishengero rigume na ntaryo riri maso, umunota kuwundi, kuko ritari rizi aho azozira. Ariko ubu rero, igihe c'Ishengero gisan'igishize, gurtyo rero, nta na kimwe kibuze kubw'ukuza kwiwe, aho, biriko birategurwa.

73 Iki, ni kimwe mu bice bihambaye vyo mu Gitabo. Akora iki? Amenyeshaibihe kw'ihanga ry'Abayuda, ubwoko bw'Abayuda bizorangirira. Ico gisomwaco mu vyanditswe, ya mayinga mirongo irindwi, kirahishura kikongera kikavuganeza na neza ivyo ari vyo, guhera igihe Daniyeli yatanguriye, gushika igihevyose bozorangirira. Ni imwe mu menshi ahambaye kurusha ayandi. Ni bangahebamaze kunyumva mvuga nti: "Namba mushaka kumenya umusi tugezeko womw'iyinga, rabe ku kirangamisi. Namba mushaka kumenya igihe tugezemwo,nimwihweze Abayuda"? Ni vyo. Aho nyene ni ho Imana ikura ikirangamisicayo. Uwize ivya tewolojiya wese, uwiga ivya Bibiliya wese, uwo ari we weseazobabwira ko isaha, ari Abayuda. Mu bisanzwe, ni igihe ki? Nta kindi dukora atari uku… abantubaradugumbaniwe, oh, na … Ntaho bahuriye n'abanyamahanga; bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, vyavyago ndwi, ya makuba ndwi, za nzamba ndwi ntaho bihuriye na mba.Ishengero ryo mu mahanga rizoba riri mu bwiza muri ico gihe. Ntaho bihuriyena twe, Ishengero ryo mu banyamahanga. Aho ni Abisirayeli gusa. "Daniyeli, abantu bawe, na Yerusalemu."

74 Nuko kandi arahishura igituma Imana ikorana gusa n'Abayuda iyo bari mugihugu cabo. Haleluya! Ndibaza ko aha duhejeje gushika ku kintu nyamukuru. Abantu bama bagerageza guharura bahereye ku gihe Isirayeli yari hariya,mu gihe ca Daniyeli. Umwanditsi akomeye… Kubera ko nzi ko hariho bimwemu bamuyoboka bicaye ngaha, sinja kubivuga. Ariko ni co catumye bagira ivyo binyoma vyose.

75 Mbega mwari muzi ivyo Abamillerite bakoze muri 1919, imbere y'uko bahinduka aba Adivantiste b'Umusi w'Indwi? [Amamillerites bari abayoboke b'umugabo yitwa William Miller, umwe yavuga yuko yamenye igihe Yesu azogarukira. Iyo nyigisho yatanguye kuyikwiragiza mu 1830. -Umus.] Barafashe amababa yabo (Mwese ivyo mwarabibonye mwese mu kinyamakuru citwa "Courrier") maze baraduga,hariya, kugira ngo baguruke muri ico gitondo? Ivyo bari babikuye muri yamayinga mirongo irindwi ya Daniyeli. Ego, aba milleriste. Haheze igihe barikumwe n'umupfasoni Ellen White, yari umuvugishwakazi wabo, baciyebisubirako kugira ngo biyite Abadivantiste b'umusi w'indwi. None ububarahinduye izina kugira ngo bitwe ijwi ry'ubuvugishwa. Murabibona?Amazina atatu atandukanye, y'umugwi umwe.

76 Nuko, ariko bari barihenze, kuko bagerageza gushira ya mayinga mirongoirindwi ku Bayuda no ku banyamahanga. Kandi ngaha avuga ati: "Ni ku bwokobwawe." Kandi nta na rimwe Imana yigeze ikorana n'Abayuda igihe batari muriPalestina. Kandi igihe, mu mpera ya mirongo irindwi, n'amayinga abiri, Mesiya yarakuweho (Atari kubwiwe; ni kubwacu yakuweho), Isirayeli yarashwiragijwe,kandi haheze gusa imyaka mike basubiye mu gihugu cabo. Gurtyo muri icogihe, igihe c'ibihe vy'Ishengero nticaharuwe. Murabitahura? [Ikoraniro ryishuyeriti "Amen."- Umw.] Ntihashobora kuba mu 1919. Ndashobora kubereka ko hariikintu cakoretse mu 1919, ariko ivyo, n'igihe uwo mumarayika, igihe ubutumwabw'umumarayika wa gatatu bwumvikana maze hagatera kimwe muri vya vyago.Koko. Ariko ntiyari…Ni igihe intambara yarangira mu buryo bw'ibanga. Ivyotuzobibona ku gice c'7 ni twahashika, aho tuzoshikira ku gice c'7. Mwaranyumvise mwese ndabivugako ubutumwa, kenshi murabibona, kubutumwa bw'Umumarayika, igihe yavuga ati: "Gumya imiyaga ine yo kw'isi,gushika aho tuzoshirira ikimenyetso ku Bayuda, ari bo bakozi." Kandi rero,bararindiriye muri ico gihe cose, gushika igihe c'abanyamahanga kirangiyerwose. Hanyuma, igihe atanguriye gukora, ni ho - ni ho ashira ikimenyetso kuriba Bayuda, aho bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine bihabwaMpwemu Yera. Aho ni ho bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine,bashirwako ikimenyetso. Ivyahishuriwe Yohana 7. Mwarabisomye. "Kandimbona isinzi ry'abantu bamaze gushika mw'Ijuru", Yohana yararibonye, "bomu moko yose. Kandi bari bahagaze imbere y'Imana bari n'amashami y'ibigazimu minwe yabo, kandi bambaye imvune zera kandi bariko bararirimba.Baravuga n'ijwi rirenga bati: " Haleluya! Amen! Ubwiza, ubwenge, icubahiro, inkomezi n'ubushobozi bibe ivy'Imana yacu, ibihe idashira. Amen!" Baguma basemerera!"

77 Yohana ivyo ntiyashobora kubitahura, muri ico gihe. Ariko yararavyeinyuma, maze aca abona ku musozi Sinayi (mbega ubwiza!) ibihumbi ijana namirongo ine na bine batandujwe n'abagore. Abayuda! Abagore, amashengero!Ntibari barifatanije n'idini na rimwe, abaluteriyano, abametodiste,

ababatiste,n'abaperesibiteriyano. Ariko bari Abayuda bo mu ntango, abaorotodogise, abari30bafise urusengero rwabo hariya, aho basengera, ku musozi Sinayi. Ni bo bamweibihumbi ijana na mirongo ine na bine. Ibi, ni ivyo mu nyuma; Ishengero ribarimaze gushika mu bwiza. Murabibona? Gurtyo, Umushingantahe Smith yari yarihenze. Nta nkeka. Kukaba nkako,mwogira gute kugira ngo ivyo mubishire mu 1919, mugasohora bamweibihumbi ijana na mirongo ine na bine? Ivyo, ni ukugaruka ku vy'abarusiya.Murabibona? Ivyo, ni ukugaruka ku nyigisho ivuga ko "Yesu yaje mu 1914.Yatwaye ishengero ryiwe muri 1919. None ubu, ni umubiri utagaragaraukwiragiye kw'isi, kugira ngo uzure… Aja ku mva ya nyokuru no ku mva yasokuru. Aza kugira ngo abazure bose, abari aba Russelliste bose". [Abarussellites ni abayoboke b'inyigisho za Charles T. Russell. -Umus.] Ni ubupfu!Nta sano na rimwe bifitaniye n'Ijambo. Ntibihura.

78 Ariko Imana ni Yo ifise ukuri. Imana ni Yo ishobora kubihishura, vyoseikabishira mu kibanza cavyo, maze ikatwereka neza na neza ivyo ari vyo.Murabibona? Ndizera ko izobikora. Jewe, sinzi ivyo ari vyo. Ndababwiye ukuri.Jewe sinzi, nshira gusa ukwizera kwanje, nshira ukwizera kwanje muri We yukoazobikora. Murabona rero ko Imana itigeze namba ikorana n'Abayuda (Nshaka ko ibimubifata nkama), igihe cose Abisirayeli…

79 Aho niho nagerageje kubwira uyu mwene Data, yicaye ngaha avuga ivyokuja muri Isirayeli: nimugume kure ya Isirayeli! Nimugume kure yaho, mwebwemwese muvuga ivyo kuja guhindura Abayuda. Imbere y'uko ubu butumwaburangira, muzobona ko ari UKU NIKO UHORAHO AGIZE, aciye mw'Ijambokandi akoresheje Mpwemu. Abisirayeli bazohindukira, ihanga ryose mw'ijororimwe. Bibiliya irabivuga. Ariko ubutumwa bwiza si n'ubwabo. Hariho"abahakanyi" bamwe bamwe bari hanze, n'abandi bameze nk'abo binjira kandi,batari mu Bayuda nyezina, binjira maze bagahabwa agakiza. Ni ivy'ukuri. Ivyondavyizera n'umutima wanje - n'umutima wanje wose. Ariko, ni mwibuke, igihe cose Abisirayeli batari mu gihugu cabo,ntibashobora gukizwa. Ubu rero bariko barasubirayo. Kandi bazokizwa, ihangaryose uko ringana, mu musi umwe. Bibiliya irabivuga. Bizosaba umusi umwegusa kugira ngo bagarukanwe rwose, kugarukana Abisirayeli ku Mana. Umusiumwe hari ikintu gikomeye cane rwose kizoshika muri Isirayeli,ikizohungabanya ihanga ryose uko riri. Mbere n'uwuvugishwa n'Imanayarasemereye, aravuga ati: "Ivyo wabikoze mu musi umwe." Mu musi umwe,bazobona.

80 Ikintu gikomeye kizoshika. Uko ndabibona, azoba ari uvugishwa n'Imana akomeye, azoseruka kandiagahagarara imbere ya Isirayeli, kugira ngo abereke neza ko Mesiya ari muzimaibihe vyose, ko uwo Mesiya banse ari…?... Ubu rero basoma iyi Bibiliya ntoya, hariya ni Bibiliya ya Isirayeli.Bayisoma bava i buryo baja I bubamfu, ni bwo buryo bwabo bwo gusoma.Murazi ukuntu ururimi rw'Abayuda rwandikwa. Gurtyo, iyo bayisoma…Kandibarasoma ivyo, Lewi Pethrus yarabarungikiye Bibiliya umuliyoni. Baravuzebati: " Namba uwo Yesu…" Bari ba Bayuda bakuwe muri Irani, kuva bakirihariya, ntibari bwigere bumva bababarira ivya Mesiya. Kandi, mu gihe bagirabasubire mu gihugu cabo, yemwe ntibashaka kwurira mu ndege. Baribagikoresha inka zirima kumwe kwa kera. Mwarabisomye, ni mu kinyamakuru"Look". Ni bangahe basomye izo nkuru, muri "Look" no muri "Time"? Ego me,cane nyene. Murabibona? Ntibashaka kurira muri zo. Wa musaza w'Umwigishaw'Abayuda yarahagurutse maze aravuga ati: "Nimwibuke, Uvugishwa n'Imanawacu yaravuze ko tuzosubira mu gihugu cacu ku mababa y'inkukuma".Haleluya! Amahanga ariko aratatana, Isirayeli iriko irikangura, Ibimenyetso Bibiliya yavuze mbere; Imisi y'abanyamahanga iraharuwe, Yuzuye umubabaro; " Yemwe abasanzaye nimugaruke mu banyu" Vyobabera vyiza mwikanguye. Mwaravyumvise, murasubira muravyumva,mwongera muravyumva, ariko mu misi iri imbere, hariho umusi umwe buzobaari bwo bwa nyuma.

81 Isirayeli iriko irasubira mu gihugu cayo. Umusi Imanaizofata ingingo ko Isirayeli iba ihanga, uwo musi, nta muntu n'umwe atariUmuyuda azoba agikizwa. Ngira ndabibereke nkoresheje ya mayinga mirongo irindwi, nambanshobora gusa ku…kurondera ibirangamisi vyerekeye ibinyenyeri, ica Julien, ic'ibinyenyeri, ica Abaroma, ibirangamisi vyose. Hariho ahantu hari vyinshi.Hariho ikintu. Imana irabizi, kandi I - Irashobora kubishura. Murabona? Ndaziko mu kirangamisi ca Julien, hariho imisi amajana atatu na mirongo itandatun'itanu n'amasaha atandatu mu mwaka. Gurtyo, oo, huzuyemwo amadidanemuri vyo, ariko hariho ahantu hamwe hari ukuri.

82 Ndabona amashengero menshi, amadini atari make, abantu batari bakebafata inzira kanaka, bamwe ngo: « mwaramutse Mariya », abandi na bobagasenga ibi, na biriya n'ibindi. Birakwiye ko haboneka ahantu hari ukuri.Birakwiye ko haboneka ahantu hari ukuri. Birakwiye ko haboneka ahantu hariubutumwa. Ndabona hahaguruka abavugishwa b'ibinyoma, bigana ivy'ukuvugaibiri mu mitima y'abantu, n'ibindi bintu bitandukanye nk'ivyo. Birakwiye kohaboneka ahantu hari ikintu c'ukuri ukwo kwigana kwaturutseko.

83 Ndabona abantu baja mu mubiri, bagasemerera mbere bakivumbura, mazebasohotse bakabaho uko bishakiye. Birakwiye ko haboneka ahantu hariMpwemu Yera w'ukuri. Ndabona abantu bigira abasenzi, n'ibindi vyose, kandibakagerageza kuba abagororotsi. Ndazi ko hariho ahantu hari Imana y'ukuri.Ahantu hari Impwemu y'ukuri, kuko ubwo buryarya, nko gukora nabi, niukwigana. Birakwiye ko haboneka ikintu c'ukuri: umuntu, ihanga, ishengero,Imana. Birakwiye ko haboneka ahantu hari ikintu c'ukuri, kuko ivyo ariukwigana gusa. Hariho ahantu hari ikintu c'ukuri. Naravuganye n'iri shengero; ku vyerekeye impano zanyu. [Mwene Data Branham adodoye kane ahavugirwa ubutumwa. -Umw.] Ni mwiyubare ku

mpanozanyu, mureke zigume zihuje na Bibiliya. Ntimwemere iciganano, kandi Ijururyuzuyemwo impano z'ukuri. Twumire ku z'ukuri. Dufate iz'ukuri, cankentidufate na kimwe. Amen.

84 Nuko rero, burya rero, ni vyo ko Imana ikorana n'Abisirayeli gusa iyobari mu gihugu cabo. Dufate, nk'akarorero, igihe Imana… Igihe Aburahamuyava mu gihugu ciwe kugira ngo aje muri Egiputa, hashitse iki? Yagiye kurey'ukugomba kw'Imana, kandi ntiyasubiye guhezagirwa, igihe cose ataribwasubire mu gihugu ciwe. Imana ntiyasubiye gukorana na we, ntan'ukwerekwa na rimwe, canke ikindi ico ari co cose igihe cose atari bwasubiremu gihugu ciwe. Raba Abisirayeli, igihe bajanwa muri Egiputa, bakamarayo imyakaamajana ane. Nta gitangaza na kimwe cakoretse, nta kimenyetso na kimwe, ntan'ikintu na gitoya hagati yabo, nta na kimwe kivugwa mu nkuru z'iki Gitabo.Imisi yose bama muri vya bindi: kuja kw'ishengero, gushikana umwagaziw'intama, kuvuga za “Mwaramutse Mariya”, canke ico bategerezwa kuvuga,hanyuma bagasubira inyuma. Umwaka ukurikira: vyari vya bindi nyene.Abaherezi bama bariko baratongana bati: “Umwigisha kanaka! Tuja gutoraUmwigisha kanaka. Yarize cane. Arazi neza abanyegiputa.” Kandi bidatevye bo n'Abanyegiputa‟ kandi bidatevye bo n'abanyegiputa, bari bameze co kimwe.

85 Ni vyo nyene vyashikiye ishengero. Twese twigize abametodiste,ababatiste, abaperesipiteriyano. “Natwe, dufise impapuro z'imitsindo z'iHartford! Dufise impapuro z'imitsindo z'i Wheaton! Dufise impapuroz'imitsindo z'ahandi hantu, canke n'izo aho ariho hose! Du - dufise urupapurorw'umutsindo rwo mu vy'indimi! Turafise urupapuro rw'umutsindo muritewolojiya, urupapuro rw'umutsindo mu vy'amategeko, n'ikindi kintu”! Noneuburuhiro ivyo bivamwo iki? Ibitagira ikimazi gusa. Uko ni ko vyari bimezemuri Egiputa.

86 Kandi Imana ntiyigeze ikorana n'Abisirayeli, mu gihe bataribwasubire mu gihugu cabo. Nimunyumvirize! UKU NI KO UHORAHO AGIZE, Imana ntizokoranan'Ishengero ryayo, mu gihe ritazoba rirasubira mu gihugu caryo, mu Butumwabw'igihe. Ni mugaruke ku vy'inkomoko! Nimuhebe ivyo vyiyumviro vyanyuvy'abametodiste, vy'ababatiste, vy'abaperesibiteriyano, vy'abapentekotiste, vyomu makoraniro y'Imana, vy'abanyabumwe, vy'abanyabutatu, vy'abizera ko hariimana zitanu, n'ibindi, Ishengero ry'Imana, abanazareye, ingenzi z'ubweranda,Ishengero rya Kristo - yose ni imigwi ya Antikristo! Kandi ndazi neza ko ibibishika hose mw'isi. Yose iri mu kinyoma, yose ni iya wa mubi! Oo !la!la! Muriyo harimwo abantu bera, muri umwe wose muri iyo migwi harimwo abantubera. Ariko idini ryoryo ntiriva ku Mana, kandi Imana ntizokwigera irihezagira.Ntiyigeze ibikora.

87 Ndasavye uwize ivya kahise wese (mwebwe muzokwumva iyi kaseti) ngoazonyandikire kugira ngo ambwire ahantu na hamwe ishengero ryabaye idinimaze Imana ntice iriheba kugira ngo ntisubire gukorana na ryo. Mumbwire igiheyongeye kugarukana ubugingo mu baruteriyano, mu Baweseliyano, mubametodiste canke mu bapentekotiste. Nta na rimwe! Idini ryagumye aho,riguma ryononekara ryongera ribora. Imana yatoranije abantu, abantu ku giticabo igerageza kwerekana abantu inzira ija muri ca Gihugu. Nuko rero, abobantu, b'abanyantegenke cane kandi bateye nk'abagore, n'impapuroz'umutsindo zabo, ku buryo baciye bakora irindi dini, rica rivamwo umwana wa Gehinomu, incuro zibiri kurusha ku ntango.

88 Ariko nta nkeka ko Yehova hari ahantu afise umuntu ashobora gufatampiri, atazotinya kubwira ukuri ayo…- ayo madini atubaha Imana, atogarukanaabantu ku Gitandara, ari co Yesu Kristo, azobagarukana kuri Pentekotey'inkomoko no kuri Mpwemu Yera w'inkomoko, na vya bimenyetso vyo kuntango na vya bitangaza vyo ku ntango. Nta nkeka, aramufise ahantu hamwe,uwutazoremerwa no guhamwa ngo adeburure, atazoheba, atazotanga imihoho,ngo adendebukirwe, canke ngo agire ikindi aba, azohagarara ashikamye.

89 Mugihe cose Abisirayeli batari mu gihugu cabo, Imana ntiyigera ibahezagira.136. Imana ntizokwigera iguhezagira ngo ni uko uri umumetodiste,umuperesibiteriyano, umukatolika, canke nk'ingenzi y'ubweranda,umunazareye, uwo mw'ishengero rya Kristo, canke - canke wo mw'idini ryaPentekote. Muri iyo nzira, ntizokwigera ibahezagira. Nimugaruke mu gihugucanyu, ku ntango, garuka kuri gatitiba ya Pentekote, nk'uko yabaye ku musi wa Pentekote, aho ubushobozi bw'Imana nzima bwahindura ba bantu ibihumbi,maze ikatsa umuriro w'Imana mu mitima yabo, bwerekana ibimenyetsovy'ukuri, atari ivyiganano, atari amareba afise uko yateguwe atari ikintu kanakabiganye, maze bigacika ibirori, nk'ivyo dufise muri Amerika. Ngo : “Ni ndeafise urusengero runini?” Canke ngo : “Ni nde afise abantu benshi?” Ivyovyohindura iki none, ku Mana? Imana, ico ishaka, ni abantu b'imitima itagira uburyarya, atari abantu benshi. Kandi ngaha, dukikujwe n'amakoraniro y'ibirori.Mbega ibiterasoni! Kugerageza kwongera abanywanyi ibihumbi mw'idini ryacu.Ni ibiterasoni. Ashaka ko tugaruka ku Kuri, ko tugaruka kuri Mpwemu, kotugaruka ku muco nyawo, ko tugaruka mu nzira, muri Kristo, ko tugaruka kuKuri. Mbega izoshobora gute kuduhezagirira mu nzira turiko turakurikira? Ntizobikora.

90 Mu gihe cose Abisirayeli bataba barasubira mu gihugu c'isezeranontiyigeze ibahezagira. Kandi igihe bazosubira mu gihugu c'isezerano,ibimenyetso n'ibitangaza vyaciye bitangura gukoreka. Yabarungikiye umuntuyitwa Mose hagati yabo. Mbega Mose yagiyeyo yitwaje ivya Tewolojiya bihanitse? Mbega yagiyeyo yitwaje urupapuro rw'umutsindo mu vy'indimi?Mbega yagiyeyo yitwaje urupapuro rw'umutsindo mu vy'amategeko, urupapurorw'umutsindo mu vy'imico y'abantu? Yagiyeyo afise ubushobozi bwa Yehovahamwe n'ubutumwa ngo : “Nimuve muri iki gihugu musubire mu gihugu canyu!Nimugaruke mwebwe

mwasanzanye, mu banyu.” Amen!

91 None raba hagira hashire imyaka ibihumbi bibiri Abayuda bari inyumay'igihugu cabo, basabagiye mu mpande zine z'isi. Ubu butumwa, turashoborakubutebako amayinga n'amayinga hamwe twobwinjiramwo mu buryoburamvuye. Twoshobora guhera kuri kahise k'Abisirayeli, maze tukerekana kobashwiragijwe n'Ubwami bw'Abaroma bamaze gushibura Mesiya;bagashwiragizwa mu mahanga yose ari musi y'Ijuru. Twoshobora guhera kuriYakobo ari We Isirayeli, mw'Itanguriro 44 na 45, maze tukerekana ingenekiriya gihe, yahezagiye ba Sogokuruza kandi arababwira neza na neza ukobazomererwa mu misi ya nyuma. Ndashobora kubereka neza na neza ihangaryose ry'Abisirayeli, ubwoko bwose bw'Abisirayeli buri mu mahanga, neza naneza uko vyari vyaravuzwe ko bazoba. None raba ni ho tugeze uno musi.

92 Wa Muyuda tuzi, si we muyuda w'ukuri. Umuyuda w'ukuri, ni uwoatavirira Ivyagezwe atiyandurishije ivy'isi, atasohotse ngo yifatanye n'ayandimashengero. Ni bo basubira hariya, bakabeshwaho n'iforomaji be n'umutsima,ku gasongero k'umusozi, kuko ata burenganzira bafise bwo kwinjira muri cagisagara ca kera. Vyabaye ngombwa ko bubaka igisagara hakuno, mu kareregatandukanye abashamiranye n'amabasitori yerekeje ku mpande zibiri zose.Ariko ryaratanguye gututuza. Amen, Amen! Igihe kiri hafi.

93 Ishimayeli na Isaka baracari aho bapfa ubutaka, ariko ni ubw'Abisirayeli.Hamwe mwoja muri Yerusalemu nsha, ntibazobemerera guca muri Yerusalemuya kera. Mutagerezwa kubanza kujayo kugira ngo abasigurire vyose, Abarabubakarenganisha ku rundi ruhande. Abo, ni abana ba Ishimayeli. Ariko rindira,hazogera igihe abana b'Imana bayisubireko. Ni vyo. Yerusalemu izosubirakwubakwa. Ikimazi cama gitangwa uko bukeye kizosubizwaho. Kandi anti-Kristo azosezerana isezerano muri ya mayinga ndwi ya nyuma. Kandi, ayomayinga ageze hagati azokuraho iryo sezerano, azobinjiza bose muri Katolika.Uko ni ko ubuyobe buzokwira hose, ni ho rero iherezo rizoca rishika. Raba neza,

94 “ amayinga mirongo irindwi”. Ego hagiye guhera hafi imyakaibihumbi bibiri barashwiragiye. Kandi ni bo batumye bangazwa. Abo bantubameze nk'abo mu gihe ca Farawo, igihe umutima wiwe wari wakomantajwe.Vyabaye ngombwa ko ikomantaza umutima wa Hitler. Amamiliyonin'amamiliyoni yo muri bo barapfuye. Nimurabe uwo Eichmann, yagirizwa kubayarishe imiliyoni zitandatu z'Abayuda. Abantu imiliyoni zitandatu, utuyoya,abana, abakuze, bose barishwe; Eichmann, umugabo umwe. Nimurabe Uburusiya, ukuntu babirukanye. Hose barabirukanye. Babaye ihangarisuzuguritse. Ariko, kuko bakunda amafaranga yabo baragarutse. Ariko hariho akokagwi gatoya k'abantu, bariko barasubira muri Palestina. Amen, bene Data!

95 Nimwabona batanguye gusubira mu gihugu cabo! Ubu rero, hariho abakwiye hariya kugira ngo haboneke hafi bamweibihumbi ijana na mirongo ine na bine. None haca haba iki? Bazoba bamenyaYosefu wabo. Nimuhumure. Ego mushingantahe. Kandi bose niyo bari biteze koivyo bishika. Kandi kw'isaha nyene aho… Amakungu y'abemeye ko ari ihanga umwaka uheze. Igihe ivyo, ivyonivyashika, iherezo rizoba riri hafi, hazoba hageze ko ishengero ryo mubanyamahanga rigenda. Ico gihe rero uko umunota uheze, Imana izovuga iti :“Abisirayeli ni ubwoko bwanje”. Ico gihe, ku banyamahanga bizoba birangiye.

96 “Bazosiribanga”, ni ko Yesu yavuze, muri Matayo 24. « Ikizira kizanakugeseza ; bazosiribanga impome za Yerusalemu, gushika aho igihec'abanyamahanga kizorangirira ». Ico gihe kimaze kurangira ni ho Abayudabazoca basubira muri Yerusalemu, kugira ngo basubizeho urusengeron'ugusengera mu rusengero. Tuzobona ivyo vyose mu Butumwa buri imbere, yaya mayinga mirongo irindwi, vya bintu bitandatu. Ubu rero ngira ndabisomeimbere yo kurangiza, kuko hanyuma tuzoba twegereje gutaha i wacu, kugira ngotugaruke ku mugoroba isaha imwe.

97 Ubwa mbere, ubwa mbere, namba muriko muravyandika : « Kugira ngoibicumuro bishire. » Daniyeli, igice ca 9, umurongo wa 24. « Kugirangw'ibicumuro bishire, » ica mbere « Kugira ngw'ivyaha birangizwe, » Icakabiri, « Kugira ngw'ibigabitanyo bitangirwe impongano », ica gatatu, « Kugirango hazanwe ukugororoka kutazoshira, » ica kane « Kugira ngw'ivyo weretswen'ivyavugishijwe, bimataniswhe ishashara idomwekw'ikimenyetso », ica gatanu, « Kugira ngw'ahera cane harobanuzwe amavuta », ica gatandatu. Niivyo tuja kuvuga kuri uyu mugoroba. Imana ishitsa…

98 Bimurindire, ngira nsubiremwo, kugira ngo mubitahure. Ubwa mbere,« kugira ngo ibicumuro bishire ». Ubwa kabiri, “kugira ngw'ivyahabirangizwe”. Ubwa gatatu, “kugira ngw'ibigabitanyo bitangirw'impongano.”Ubwa kane, “kugira ngo hazanwe ukugororoka kutazoshira”. Ubwa gatanu,“kugira ngo ivyo weretswe n'ivyavugishijwe n'Imana bimatanishwe ishasharaidomwekw'ikimenyetso.” Ubwa gatandatu “kugira ngo ahera ha caneharobanuzw'amavuta.” Ubu rero, ngira ndabibasomere muri Bibiliya. Ni ku murongo wa 24. Amayinga mirongwirindwi agerewe ubwoko bwanyu (Abayuda) n'Igisagaracanyu cera. (Isirayeli, Abayuda, Yerusalemu) kugira ngw'ibicumuro bishire (ica mbere) n'ivyaha birangizwe (ica kabiri), n'ibigabitanyo bitangirw'impongano(ica gatatu), hazanw'ukugorororka kutazoshira (ica kane), ivyo weretswen'ivyavugishijwe n'Imana bimatanishw'ishashara idomwekw'ikimenyetso (icagatanu), ahera cane harobanuzw'amavuta (ica gatandatu). Ng'ivyo neza na neza ivyo yaje kumumenyesha, ibizoshika, inyuma yahohazoca haba iherezo.149. Ni uko, kuri aka kagoroba, turaja kubona ivyo bintu ivyo ari vyo, hanyumatubone ukuntu tuvyegereje. Hanyuma ku w'iyinga uza, tuzobona ingenevyagabanganijwe mu

bihe hanyuma kwerekana neza na neza aho tugeze. NdaMukunda.

99 Isirayeli, iriko irasubira mu gihugu cayo, Isirayeli. Nimunkundire mvugeibi ubu, mu gihe… Ndibaza ko bitakiriko birafatwa amajwi. Nyemerera mvugeibi. Igihe nyene Isirayeli yahinduka ihanga…Igituma namye nizera -Ndabivugira imbere y'abanyumviriza bari aha - ko hariho ikintu, ko hariigikorwa nari ngiye kuzokora, imbere yo gupfa, kugira ngo ngarukaneAbisirayeli ku Mwami. Ni uko igihe hatangazwa ko Isirayeli kibaye igihuguhakurikijwe amasezerano y'ishirahamwe rihurikiyemwo ibihugu vyo muriAmerika, ivyo bikaba vyabaye ari ryo rya mbere kuva aho bashwiragirijweharaciye imyaka ibihumbi bibiri, batari bakiri ihanga, kuri iyo saha nyene, nezana neza kuri iyo saha, ni ho umumarayika w'Uhoraho yansanga hariya, mazeakantuma hariya…njanye Ubutumwa bwiza. Neza na neza hari muri ico gihenyene : Itariki 7 Rusama 1946. Ikindi kandi kimenyesha ibi. Ni uko « agarukana imitima y'abana ku ya baSe, n'imitima ya ba Se ku y'abana », Ubutumwa. Raba neza, Malaki 4 (atari 3), 4!

100 Ikindi kintu. Igihe umuhungu wanje Billy, jewe na mwene Data ErnBaxter, twari mu nzira tuja muri Palestina, inyuma y'aho duhuriye n'Abayudakwa mwene Data Arganbright, maze bakabona n'ikoraniro. Ni Lewi Pethrus yariyarungitse za Bibiliya hariya. Kandi yavuze… Abo Bayuda baraje baramubwirabati: « Iyo muhamagaza umugwi w'abakuru b'Isirayeli, simvuga abo bakurubashasha na ya misi mikuru yabo yose, ariko iyo mukoranya abakuru b'ukurib'Isirayeli. Twarasomye isezerano rishasha, kandi turazi ko, igihe Mesiyaazozira, azotubwira ivyo bintu, nka wa mugore wo muri Samariya. Turazi koMose yavuze ko Mesiya wacu azoba ari Uvugishwa n'Imana. Kandi igihemwoshobora kubabwira, no kubereka, mukoresheje Ivyanditswe‟, kandi ni vyotuza kubona mu Butumwa bwo kuri uyu mugoroba, ″ko bategerezwaguhumishwa amaso kandi ko imitima yabo yategerezwa gukurwaho kugira ngoireke igihe c'abanyamahanga kize, kugira ngo turonke igihe c'impongano kubanyamahanga. Kandi ko imitima yabo yakomantajwe, neza na neza nko mugihe ca Yosefu, n'ibindi. Kandi hanyuma, mugakoraniriza Abayuda ahantuhamwe, kandi mugahamagara abo Bayuda ahantu bakoranira, nk'ukomubikorera abantu bo mu mahanga ngaha, muri uko kurongorwa kuvaMpwemu.‟ Mu bisanzwe, bavuze bati: ″Namba uwo Yesu, ni yaba ari Mesiya,kandi amajambo yanyu akaba ari ukuri, gurtyo rero ntiyapfuye, ni Muzima.Kandi namba ari muzima, yarasezeranye kuba mu bako… abako…abakozi biwe- abakozi, abigishwa biwe. Kandi namba dushobora kumubona ashitsaikimenyetso c'uvugishwa n'Imana gurtyo twokwizera ko ari Mesiya.‟ Mbegaukuntu bitunganye, ni ukuri koko. Mbega vyomara iki none? Ihanga ryovutsemu musi umwe, muri abo bakuru. Umwe umwe muri bo yavuze ati: ″Turabizi.‟Uwo mukuru avuze ivyo, vyoba biheze. Ihanga ryovutse mu musi umwe.Isirayeli yovutse mu musi umwe.

101 Nari mu nzira njayo, nari ngeze i Kayiro muri Egiputa, mfise itike yanje muminwe, hasigaye iminota cumi n'itanu canke mirongo ibiri ngo bahamagare.Bagira bahamagare. Naregereje kugira ngo ndabe igishusho babaje mu giti citwaebene, igishusho gitoya c'inzovu babaje citwa ebene bagihaye amahembey'inzovu. Nagira ndakirungikire umuganga umwe mu bagenzi banje, MugangaSam Adair, ngo azohore agifatisha impapuro mu biro i we. Nkiriko ndakirabahari ikintu caciye kimbwira kiti: “igihe ntikiragera. Ntiwinjire muri Palestina.” Gurtyo rero, nca ndibwira nti: “Ivyo ni ivyiyumviro vyanje gusa”Hanyuma nca ndibandaniriza. Hari ikintu caciye kimbwira kiti: “igihentikiragera”. Naciye nigira inyuma y'ico kizu abantu bashikiramwo. Nca ndaramuriraumutwe ku Mana. Mvuga nti: “O Mana, mbega ni wewe wariko uravugananje?” Yaciye ivuga iti : “Ntiharagera. Ntiwinjire muri Palestina. Ubuntiharagera. » Hanyuma nca mfata iyo tike yanje nca ndayihinduza nca mvayonja i Roma, kugira ngo ngaruke i Lisbonne, muri Portugal, maze mvuyeyo ncandataha muri Leta zunze Ubumwe za Amerika.

102 Igihe nticari bwashike. Ibigabitanyo vy'abanyamahanga ntibiragwiriranagushika aho bisesekara ku gikombe. Ariko umusi umwe bizoshika, kandi Imanaizorungikayo umuntu, uvugishwa n'Imana, kandi azobibemeza. Ndizigira koImana izomuhagurutsa idatevye, uwo ari we wese, ko igiye kumuhagurutsavuba. Ndizera ko bitegerezwa gushika. Ni co gituma turiko turavyigako, kuko turavyegereje cane.

103 Kandi rero nimwibuke, muri ako kanya nyene aho Abayuda bazokwakiriraKristo, Ishengero ryo mu mahanga rizoba ryagiye. Ni ho rero abanyamahangabazoca basukwako vya vyago, vya vyago bihambaye. Kandi kuvuga ko abantu, abigisha bakomeye, bigisha, kandi bafise naBibiliya imbere yabo, bakavuga ko ishengero rizoca mu gihe c'ivyagobihambaye, kandi ata gice na kimwe co muri Bibiliya kibivuga! Nta na kimwe bafise bishimikiza.

104 Nta gihe kirekire kihaciye, umugabo umwe yarambwiye ati : « Oh,mushiki wacu Mc Pherson yigisha ko ishengero rizoca muri vya vyagobikomeye, kuko tuzoba umuco uzokwaka muri ico gihe.» Ico gihe bazoba ariAbisirayeli, si Abanyamahanga. Abo mu banyamahanga bazoba bamazekugenda, Ishengero. Bo ntibazorinda guca muri vya vyago bikomeye. « Cagisato gisendanisha amazi ava mu kanwa kaco, igihe ca 17, « kandi kirwanyaabasigaye », inkumi zisinziriye. Atari…Ishengero ry'ukuri, riba rimaze kugenda.Riba rimaze gushika mu mazimano y'ubukwe, kuri abo… mu gihe hazobaamazimano y'ubukwe, ya rya yinga rya nyuma. Kandi ico gihe ni ho vya vyagobikomeye bica bitanguzwa, n'inzige, n'uguhamwa bihagurukire amashengero,ibintu nk'ivyo. Hanyuma, ku mpera, ku gice ca 19, ng'uyo araje ari kumwe n'Umukwewiwe. Haleluya ! » Umwami w'abami, Uganza abaganza ; impuzu yiweijobetswe mu maraso, aherekejwe n'ingabo zo mw'Ijuru ziri ku mafarasiy'igitare. Ico gihe ni ho aca ashika ngo ahabwe ikibanza ciwe muri ya

nganjiy'imyaka igihumbi. Amen ! Oh !39 Hahezagirwe Izina, oh, hahezagirwe Izina,Hahezagirwe Izina ry'Umwami ;Hahezagirwe Izina, oh, hehezagirwe Izina,Hahezagirwe Izina ry'Umwami.Yesu ni ryo Zina, Yesu ni ryo Zina,Yesu ni ryo Zina ry'Umwami ;Yesu ni ryo Zina, Oh, Yesu ni ryo Zina,Yesu ni ryo Zina ry'UmwamiHimbaze Izina ryiwe, oh, himbaza Izina ryiwe,Oh, himbaze Izina ry'Umwami;Himbaze Izina, Oh, himbaze Izina, Himbaze Izina ry'Umwami.

105 Ivyo mubikora gute? Nimumuhimbarishe ubuzima bwanyu. Nimubehoubuzima ku buryo bavuga bati: "Ng'uwo umukozi wa Kristo." Uko ni komushira hejuru Iryo Zina. Reka tubirabe gato. Oh, muramukunda, si vyo?{Ikoraniro rivuze riti : "Amen" - U} Oh! la la! Ubu rero, ka karirimbo kacu :Mu ruhongore rumwe, haraheze igihe, kandi ndazi ko ari vyo,Umwana yaravutse kugira ngo akize abantu icaha cabo. Yohanayamubonye ku nkombe y'ikiyaga, Umwagazi w'intama w'ibihevyose.Uwo Mwagazi w'intama muri bimwe indwi bimatanijwe ca Gitabo, ni Wewenyene mw"ijuru no kw'isi, yashoboye gufata ca gitabo. Mu ruho….. Mu ruhongore rumwe, haraheze igihe, kandi ndazi ko ari ukuri, Umwana yaravutse kugira ngo akize abantu icaha cabo. Yohana yaramubonye ku nkombe y'ikiyaga, Umwagazi w'intamaw'ibihe vyose. Oh, hahezagirwe Izina ry'Umwami. Oh, hahezagirwe Izina, oh, hahezagirwe Izina, Hahezagirwe Izina ry'Umwami; Hahezagirwe Izina, hahezagirwe Izina, Hahezagirwe Izina ry'Umwami.

106 Ndakunda guhimbaza. Mweho? [Ikoraniro ryishuye riti : "Amen." - U]Rero, nta kindi kituzana kw'ishengero atari ukwumva Ubutumwa; ivyobiragendana. Ariko tuza kw'ishengero tuzanywe no guhimbaza, guhimbarizamuri Mpwemu no mu kuri. Mwarumvise ukuri; ni Ijambo. Murabibona? Uburero, guhimbaza, ni ukuyigaragariza ibiri mu mitima yanyu. Murabibona? Oh,ndamukunda, uwo mugabo w'i Galilaya! Nuyiduterere. Ego mushingantahe.40Mbega urarizi, ga Teddy? Naribagiye, aho. Reka turabe gatoya. Reka turabegatoya. Oh, ndakunda uwo Mugabo w'i Galilaya,w'i Galilaya, kuko urukundo yankunze ni akaburarugero.Ni We yampariye, ambatiza muri Mpwemu wiwe.Oh, ndakunda, ndakunda uwo Mugabo w'I Galilaya.Umusi umwe mu rusengero hari umutozakori yaje gusenga,Arasemerera ati : "O Mwami, ngirira imbabazi!"Aca araharirwa ivyaha vyose ; aca agira amahoro menshi ;Aravuga ati : « Nimuze murabe uwo Mugabo w'i Galilaya. » Oh, ndakunda uwo uwo Mugabo w'i Galilaya, w'i Galilaya Kuko urukundo yankunze ari akaburarugero.Ni We yampariye, ambatiza muri Mpwemu wiwe.Oh, ndamukunda, ndakunda uwo Mugabo w'i Galilaya.Ca kimuga caramugurutse, ca kiragi na co kiravuga.Ku kiyaga humvikana Ijambo ririmwo urukundoYa mpumyi irabona, ndazi ko ata kindi katariUbushobozi bw'uwo Mugabo w'i Galilaya.Oh, ndakunda uwo Mugabo w'i Galilaya,kuko urukundo yankunze ari akaburarugero.Ni We yampariye ambatiza muri Mpwemu wiwe.Oh ndakunda, ndakunda uwo Mugabo w'i Galilaya.Nimwumviririze neza aka na ko.Wa mugore kw'iriba yabwiwe ivyaha vyiwe vyose,Yaramubwiye ko yari afise abagabo batanu. (Ni We vy'ukuri)Yarahariwe ivyaha vyose, aca aronka amahoro menshi; Maze aca asemerera avuga ati: "Nimuze murabe uwo mugabo w'i Galilaya!"

107 Ndamukunda. Mweho? [Ikoraniro ryishuye riti: "Amen". - U]N'umutima wanje wose, mweho? ["Amen".] Mbega ntibitangaje! ["Amen"] Ni igitangaza, ni igitangaza, Yesu ni uwanje, (Ni nde?)Ni umujanama, uwushobora vyose, Umukama w'amahoro ;Arankiza, aranzigama ibihe vyose, ni igitangaza ni Umukiza wanje,Imana yanje, Umwami wanje !Ubu rero, twunamike imitwe maze tukarimbureko. Nari narazimiye, narakijijwe, nta rubanza rukintsinda(Amahanga ariko aratatana, bintwaye iki).Muri Yesu ndidegemvya, mfise agakiza gashitse.Arandinda, anzigamira kure y'icaha coseNi igitangaza, ni Umukiza wanje,Icubahiro kibe ic'Izina ryiwe,Ni igitangaza ni igitangaza Yesu ni uwanje.Ni Umujanama, Uwushobora vyose, Umukama w'amahoro.Arankiza, arandindira muri We ibihe vyose,Ni igitangaza, n'Umukiza wanje, Imana yanje, Umwami wanje.Oh, nimuvyiyumvireko!Nari narazimiye, narakijijwe, nta rubanza rukintsinda, Muri Yesu ndidegemvya, mfise agakiza gashitse.Arankiza, (akora iki?) andindira kure y'icaha cose (hejuru y'ivyo vyose)Ni igitangaza ni Umukiza wanje, icubahiro kibe ic'Izina ryiwe.Twese hamwe ubu rero! Ni igitangaza, ni igitangaza, Yesu ni uwanjeNi Umujanama, uwushobora vyose, Umukama w'amahoro.Oh, Arankiza, andindira muri We ibihe vyose,Ni igitangaza, ni Umukiza wacu, Imana yacu, Umwami wanje.Ese ukuntu nkunda Yesu! (Biratangaje) Ese ukuntu nkunda…Ese umunezero w'agakiza! Ese umunezero wo kwitega Ukuza kwiwe!Ese ukuntu nkunda Yesu!Kuko ari We yabanje kunkundaUbu rero, tuduze amaboko, namba dufise umutima ukunze vy'ukuri.Sinshobora kumuheba,Sinshobora kumuheba,Sinshobora kumuheba,Kuko ari We yabanje kunkunda.

108 Muramukunda? [Ikoraniro ryishuye riti: "Ego"- U] Gurtyo rero,mutegerezwa gukundana. Mu bisanzwe, namba mudashobora gukunda abomushobora kubona, ngaha, none mwoshobora gute kumukunda, We,mutarabona? Turamukanye, tuvuga duti:Ese ukuntu nkunda Yesu!Ese ukuntu nkunda Yesu! Ese ukuntu nkunda Yesu!Kuko ari We yabanje kunkunda.Sinshobora (nimuduze ibiganza muvyerekeze kuri We) kumuheba,Sinshobora kumuheba, Sinshobora kumuheba,Kuko ari We yabanje kunkunda.

109 Nimwiyumvire gusa: "Yatumye tumenya ukwo guhishurirwa guhambaye.Turamukunda, si vyo? [Ikoraniro ryishuye riti "Amen"- U] Mbega ntibitangaje?["Amen"] Mbega ukuntu dushimira Umwami wacu Yesu, ntazokwigeraaduheba. "Raba, ndi kumwe na we imisi yose, gushika…" Mbegabirabanezereye, ya Mayinga mirongo irndwi ya Daniyeli? ["Amen"] Oh,turamukunda, si vyo? Mbega bica bituma haba iki? Ukwizera kwanje kwerekeje kuri Wewe, Wewe, Mwagazi w'intama w'i Kaluvariyo, Mukiza… Nimumuhimbarize gusa, mu mitima yanyu. Umva ugusenga kwanje, Uhanagure ivyaha vyanje, Guhera uyu

musi ukwo ndi kwose mbe uwawe. Kandi muri iyo nzira igoye (ni yo turimwo twese), dukikujwe n'ivyago(Ego, Mwami). Oh, nundongore. (Ndongora gushika ku mpera, Mwami).Oh, irukana umwijima,Ingo uhanagure amosozi yanje, sinze nigere nja kure yawe ngo nzimire[Mwene Data Branham ariko aririmba buhoro buhoro ati: ukwizerakwanje kwerekeje kuri Wewe -U]Ha umutima wanje ukenyeUmwete musha.Irukana umwijima,Ingo uhanagure amosozi yanje,Guhera uyu musi uko ndi kwose mbe uwawe.

110 Oo, Yesu, turabona ko hari ikintu twegereje. Uvugishwa n'Imana Yesayayarabivuze; Yeremiya yarabivuze. Daniyeli yaritegereje hanyuma abona ivyobari baravuze. Vyarakoze ku mutima wiwe, maze aca arangamiza mw'ijuru.Yarisonzesheje, yambara igunira yisiga umunyota. Yashaka kwumva, kugirango aburire abantu.166. Mwami, natwe turabona mu bitabo, mu gitabo cawe, - Igitabo ca Yesaya,Igitabo ca Yeremiya, Igitabo ca Yakobo, ca Yohana, ca Luka, ca Mariko, ca Matayo, Igitabo c'Ivyahishuriwe Yohana - mu bitabo vyawe vyose, ko turi hafiy'iherezo. None turangamije mw'Ijuru, mw'isengesho no mu kwinginga, kugirango tubone igihe tugezemwo, Mwami. Turabona umutwenzi ubandutse. None Mwami, turaje kuri wewe. Ukwizera kwacu kwerekeje kuri Wewe muri akakanya. Dushize ku ruhande imitwaro yose, icaha cose, akantu kose k'ukutizeragakunda kutwizingirako vuba, maze tubandanirize gushika aho dutanguranirwaku mpera y'umuhamagaro wo kuja mw'ijuru, kuko tuzi ko igihe cacu ari gito.

111 Hezagira abantu bari ngaha, Mwami. Baragukunda. Ni abawe.Barasohotse. Ni Wewe utanga uguhishurirwa. Turagusavye ngo uduhe ivyobintu, mu gihe tukwiteze. Mwami ni uduhe umwanya mwiza wo kwiga kuri uyu muhingamo ! Duhe gutahura. Kuri uno mugoroba utugarukane tumerewe neza kandi twiteguye.Mwami, nsiga amavuta kuri uyu muhingamo, oo, mu gihe nzoba ndiko ndigaMwami, vya bintu bitandatu vyatuma Gaburiyeli aza. Namba Gaburiyeliyaramugendeye kandi agatanga insiguro zitandatu kuri ivyo, Mwamidutegerezwa kumenya ivyo ari vyo. Turiko turiga ibitabo, kandi turazi kotuvyegereje. Ni co gituma tugusavye ngo ubiduhishurire kuri uno mugoroba. Ku w'iyinga uza, Mwami, ewe Mana, utondeshe iyo misi, uyishire mukibanza cayo. Sinzi ukuntu nobikora, ariko Wewe, urashobora kudutumberezaneza na neza ku gihe nyaco. Nubiduhe, Data. Twizigiye Wewe. Turakundana,kandi amaraso ya Yesu Kristo, Umwana w'Imana, yaratwogeje icaha cose. Ubuni Wewe twizigiye. Dufashe, mu gihe tukwiteze, Data, ku bwa Yesu Umwami wacu.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7